# Ishashara Rya Gatandatu
Jeffersonville, Indiana, USA
23 Ntwarante 1963

1 Twunamike imitwe yacu gatoya. Mwami, turasubiye kandi gukoranirahamwe kubwakino gikorane. Kandi twibuka vya bihe vya kera aho bose baja i Shilo kugirango bahabwe imigisha y'Umwami.

Kandi kuri uno mugoroba dukoraniye hamwe ngaha kugira twumveIjambo ryawe.Nk'uko twabibonye mu Vyanditswe bimwe bimwe, wa Mwagazi w'Intamani We wenyene yashoboye kumena bimwe bimatanije ca Gitabo cankekubimatanura. Kandi kuri uno mugoroba turavvye iki kigira gatandatukimatanije ca Gitabo ingene ari ciza cane turagusavye Data wo mw'Ijuru,ngo wa Mwagazi w'Intama akitumenere kuri uno mugoroba, kubera yukoturi ngaha ngo tugitahure. Kandi igihe ata muntu n'umwe mw'isi nomw'Ijuru yabonetse ko abereye, wa Mwagazi w'Intama wenyene ni Weyabonetse ko abereye. Gurtyo rero, turasavye ngo Uwubereye koko azeatumenere iki Kimatanije ca Gitabo kuri uno mugoroba, kugira ngodushobore kurenza amaso ibihe. Data, turizera ko ivyo bizodufasha muri inomisi turimwo y'umwiza w'umuzitanya n'icaha, ivyo bizodufasha kandibizoduha ingoga. Ubu rero turizigiye ko tugiriwe ubuntu mu Nyonga zawe.Twishikaniye Ijambo, turakwishikaniye, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

2 Bagenzi, mwiriwe ! Ni amahirwe tugiriwe yo kwongera kuba hano kuriunomugoroba, yo kuba ku gikorwa c'Umwami. Nacerewe gatoya. Vyabayengombwa ko ngenda vyihutirwa kuraba umuntu ari ku mpfiro wo muri rinoShengero. Nyina yaraje ngaha. Bavuze ko uwo mugabo yariko aracikana ; niho naca njayo. Umugabo twahakwa kungana, yari asigaye ari nk'igitutu gusac'umuntu. Hanyuma haheze umwanya muto, nca mbona ahagaze yemyeashimagiza Umwami.

Gurtyo, iyo twemeye kwatura ivyaha vyacu, tugakora ibigororotse,tugasaba imbabazitwambaza Imana, izotwumvira kandi ico ni co conyene iba irorereye kugirango ibiduhereze.

Ndazi ko aha hantu hashushe kuri uno mugoroba. Oya, ndibaza koivyuma vyo kuhashusha vyazimijwe burundu. Nabibonye ejo ku mugoroba nibwira konari maze imisi indwi ntabona umuco w'izuba mu cumba canje (murabonako ico gihe cose nakoresha umuco w'umuyagankuba), mu gihe narikondavyigako nongera nsenga Imana ngo inzingururire ivyo bimatanije caGitabo.

3 Hariho kandi benshi banditse ejo ku mugoroba ngo bashikirize ibibazovyabo ; mbere ahanini ntivyari ibibazo, yamara bashaka ko nongerakouwundi musi, ku wa mbere, kubwo igikorwa co gusengera abarwaye.Ndashobora kubikora mu gihe abantu bipfuza ko ndabikora.Nimuvyiyumvireko maze muce mubimenyesha, ariko nimwaba mugombagusa gusigara ngo dusengere abagwaye… nari nateguye guhebera uyumwanya wose ibi bimatanije ca Gitabo ni co gituma nari nabanje kugumaahantu hiherereye. Ni muvyiyumvireko rero, mubisengere, hanyumamubimenyeshe.

4 Hanyuma rero Umwami ni yavyemera, nzoshobora… Nzosubira kuvugiraUbutumwa hariya i Albuqurque muri nouveau Mexique mu misi mikeya,kandi birakwiye ko ntaha i muhira kugira nitegurire ikindi gikoranec'abakozi b'Imana kizobera muri Arizona. Gurtyo rero, ni kwaba ariukugomba kw'Umwami, nimubisengere, nanje nzobisengera hanyumatuzobimenya mu buryo buramvuye mu misi mike iri imbere.

Ubu rero ndiko ndasuzuma… Murabona, mutanguye kuvuga ivy'ingwaranone ng'iyo iciye iboneka. Urya mupfasoni yicaye hariya, hatagizeikimutabara, nta gihe kirekire asigaranye ngaha. Rero dusenge gusa Imana.Ni co gituma muri ngaha. Murazi ko Mpwemu Yera azi vyose ; arikonagerageje guhebera uyu mwanya ibi Bimatanije ca Gitabo kuko ari vyovyadukoranije.

5 Uko biri kwose, abagwaye baje ngo tubasengere ni bangahe ? Ni mwigoremuduze ibiganza. Bakwiragiye hose. Oh, bene Data ! Ni uko, ni bangahemuri mwebwe bibaza ko vyoba vyiza kandi bikaba bihuje n'ukugombakw'Umwami tugize igikorane c'ugusengera abagwaye ku wa mbere kumugoroba ? Mbega mwovyemera ? Mbega mwoza ? Aho rero, Umwami niyavyemera ni vyo tuzokora. Tuzogira igikorane co gusengera abagwaye kuwa mbere ku mugoroba, hanyuma tubasengere.

Ubu, mwene Data Norman nibaza ko ntariko ndahindagura integuro yabamwe tuzojana muri Arizona. Mbega niho ari ? Mbega ivyo bironanainteguro yanyu ga mwene Data Norman ? Mwene Data Fred n'abandi, mbegabigenze uko ni vyiza ? Ni uko ! rero, Umwami niyabigomba, ku wa mbere kumugoroba tuzosengera abagwaye. Umugoroba umwe gusa ni wo nshobora gusigara kugira ngo dusengere abagwaye. Ico gihe tuzoba twarangije ivyabimwe bimatanije ca Gitabo. Umwami akire kumena ivyo bimatanije caGitabo, ku wa mbere, tuzoca dusengera abagwaye.

6 Oh, vy'ukuri naranezerejwe cane n'ugukorera Umwami muri ibi bintu.Mbega mwarashimye ivyo Bimatanije ca Gitabo ? Ubu rero turavuga ku cagatandatu kimatanije ca Gitabo kandi ivyo bitujana mu gice ca gatandatukuva ku murongo wa 12 gushika ku wa 17. Ni kimwe muri bimwe bimatanijeca Gitabo birebire cane kuko kiberamwo ibintu vyinshi.

7 Ubu rero dusubire twihweze bikeya mu vyo twabonye ejo ku mugorobakugira ngo tugire aho duhera. Kandi nagomba kwongera kuvuga ikintukimwe. Nabonye mu gasandugu udukete tune canke dutanu ngirakamarocane kuri jewe. Kandi nagomba kubanza gusaba imbabazi bene Datab'abavugabutumwa bo

n'abari ngaha bose (Mbega ibi vyose biriko birafatwaamajwi ?)

Ejo ku mugoroba, igihe nariko mvuga kuri Eliya, igihe yibaza ko ari wewenyene azozamurwa canke ko ari we wenyene yakijijwe, navuze amajanaindwi, oho kuvuga ibihumbi indwi. Mbega si ivy'ukuri ? Ni uko, birambabajebagenzi bakundwa! Yamara nari nsanzwe ndabizi. Narahuvye kuko narinsanzwe nzi neza ko bari ibihumbi indwi. Kwabaye gusa ukwihenda mumvugo. Ndabashimiye.

8 Ndanezerejwe n'uko mutega yompi ivyo mvuga : rero ni ibihumbi indwi.Naronse udukete tubiri canke dutatu twerekeye iki kintu kivuga ngo : «Mwene Data Branham nibaza ko mwihenze. Mbega ntiboba bari ibihumbiindwi atari amajana indwi ?»

Niyumvira nti : « Ndazi neza ko ntavuze amajana indwi !» Ubwo nyenenaciyendonka udukete tuvuga ngo : « Mwene Data Branham nibaza ko mwavuzeamajana indwi.» Uwundi na we aravuga ati : « Mwene Data Branham,mwoba mwaronse ukwerekwa kwo mu buryo bw'impwemu kwerekana koari ikigereranyo, hanyuma mugaca musigura neza ico kigereranyomukoresheje…indwi ?» Ivyo birabuza amahoro abantu igihebavyiyumviriyeko, kandi birumvikana. Na jewe, ivyo birambuza amahoro.

Hariho ikintu kimwe cashitse igihe iki kimatanije ca Gitabo cahishurwakandi ku vy'ukuri vyabaye ngombwa ko nca nsohoka hanze, mbandagendagenda gatoya. Ni ukuri. Ivyo vyose vyari vyandanduye umutima !Murabibona ? Mbega ukubura amahoro, oh bene Data! Ku rundi ruhandehariho n'iki, ni uko mwubakira ku vyo mvuze, kandi Imana izombaza ivyo ndiko ndababarira. Ni co gituma ntegerezwa kumenya ntakekeranya, ivyobintu vyose nkabimenya neza ntakekeranya, kuko igihe turimwo ari igihec'akataraboneka.

9 Ndiko ndiyumvira ku gikorane c'ugusengera abarwaye co ku wa mbereku mugoroba. Mbega ivyo ntibizokwonona integuro zanyu ga mwene DataNeville ? Mwene Data mukundwa Neville. Ndabibabariye, hari umwewenyene ameze nka we : nibaza ko ata wumeze nka we! Uyo mwene Datayamye ari umwe mu bagenzi banje beza, ni jewe ndabibabariye!

Ubu iri Hema riramaze kwubakwa hamwe n'ivyumba bigiramwomw'ishure vyo ku w'iyinga n'ibindi, kandi vyose biri ngaho kandibiratunganye. Ku bari rero ngaha i Yeferisonivile bakaba bagomba kuzangaha ku rusengero, ubu murafise ahantu habereye ijisho, inyubakway'ishure ryo ku w'iyinga, hamwe n'abagabo babigisha babishoboye.Kw'ishure ry'abakuze hariho ngaha mwene Data Neville, ni umupasitorinyakuri. Sindabivuze ngo ndamutere amashurwe, ariko noshima kumuhaagashurwe ubu hako ndamuha urugori rwose ar'uko amaze kwigira ! MweneData Neville ndamuzi kuva nkiri muto kandi ntiyahindutse. Aracari umweOrman Neville, ntiyahindutse.

10 Ndibuka ko nagendeye… yaranagize agatima keza arantiza aho mvugiraubutumwa igihe yari akiri umuvugabutumwa w'umumetodiste aha muri kinogisagara. Kandi twari dufise ikoraniro ryiza hariya i Clarksville. Nibaza kohari i Haward Dark, ishengero ry'Abametodiste ryo kw'ibarabara ryitwaHarrison. Muka Neville, hariya ni ho yagukuye. Hariya, kubera yuko uyumugore wiwe na we nyene yari umumetodiste.

Igihe nagaruka ngaha naciye mbwira ikoraniro nti : « Uyu mugabo niumwe mu bagabo beza nzi kandi umusi umwe ngiye kuzomubatiza mw'Izinary'Umwami Yesu ». Ni uko vyagenze. Ari ngaha kandi ubu ni umugenziwanje mwiza yama hafi yanje ; ni umugabo w'umunyacubahiro cane kandiwo kwubahwa ! Yamye amba hafi igihe cose vyamushobokeye. Mu vyonovuga vyose arankurikira kandi akabigenderamwo.Mbere n'igihe yaza aribwo bwa mbere atari bwanatahure ubu Butumwa, yarabwizera kandiakabugenderamwo. Ni icubahiro, ni ukwubaha.Mwene Data nk'uwosinomuvugako ivyiza ngo ndabiheze, kandi ubu Umwami amuhezagire.

11 Ni uko ! Ubu turabe gato iki ca gatanu kimatanije ca Gitabo c'ejo kumugoroba. Kuri uno mugoroba ntituja guhera ku ntango ariko turahera gusaahantu hakenewe kugira dutahure ica gatanu kimatanije ca Gitabo. Twarabonye antikristo agendera kw'ifarasi yigaragaza mu bushobozi buriuburyo butatu bwagiye hamwe bugira ubushobozi bugira kane kugira ngoyurire ifarasi ibenjutse ari yo Rupfu, hanyuma yinjira i Kuzimu i Mahoneroiyo yaje ava. Kandi mu nyuma twarabonye ko Ivyanditswe bivuga koumwansi ni yaza asendanisha nk'amazi, Mpwemu w'Imana azoca aduzaibendera amurwanye. Ivyo vyose twarabibonye Ijambo rivyemeza neza, ejoku mugoroba.

Kuko hariho ibinyabugingo bine vyagiye biseruka incuro zine igihe habahaje uwugendera kw'ifarasi. Igihe cose yagenda ahindura ifarasiagenderako : Ifarasi y'igitare, hanyuma ifarasi y'akagajo, ifarasi y'agafyirihagaherukira ifarasi ibenjutse. Kandi twarabonye ayo mabara, ico yasobanuran'ico yakoze. Mu nyuma ivyo vyose twaciye tubigarukana kuri vya bihevy'Ishengero turabona neza na neza ico ivyo vyakoze. Neza cane.

Gurtyo rero, murabona ko igihe ahantu hatandukanye mw'Ijambory'Imana hahuriza ku kintu kimwe, ivyo bisigura ko ari ivy'ukuri. Murabona,ndizera ko igihuye n'Ijambo ry'Imana cose cama ari « Amen.»

12 Iyo umuntu avuga ko yeretswe, hanyuma akavuga ko ivyo ari… oh !Amenya ko ari Umwami yamuhaye ukwerekwa kuko kwazananye inkomezinyinshi. Ni ko ukwerekwa kurashobora kuba kwiza cane,

ariko iyo kutarikumwe n'Ijambo, kukaba kunyuranye n'Ijambo, ubwo rero kuba atariukw'ukuri.

Birashoboka ko hari bene Data na bashiki bacu bo mw'idiniry'Abamormon boba bari ngaha canke bakaronka izi kaseti, kandi sinashakakuvuga ko…Mwomenya ivy'abamormon mwobona ko ari abantu bamezeneza, n'umuvugishwa wabo Joseph Smith (yishwe n'abametodiste ngahamuri Illinois ariko arahagendera) yari umuntu ameze neza cane. Hanyuma kuvyerekeye ivyo yeretswe, sinkekeranya na gato ko yeretswe ivyo bintu.Ndizera ko yari imvugakuri, ariko ivyo yeretswe vyari binyuranyen'Ivyanditswe. Ni co gituma vyabaye ngombwa ko yiyandikira Bibiliyay'Abamormon kugira ngo ashike ku ntumbero yiwe. Ku bwanje, iyi Bibiliyani yo Jambo. Ndababwire, iyi ni ryo Jambo. Ni uko biri.

13 Igihe kimwe, umupasitori umwe yashitse ino avuye mu kindi gihugu ;yagendera mu modokari ari kumwe n'umupfasoni. Bari baje mu gikorane.Naramenye ko bari bagenze mu kiringo c'imisi ibiri canke itatu bari kumwemu mudokari kugira baze muri ico gikorane. Bari babiri gusa kandi uyomugore yari amaze kwabirwa incuro zitatu canke zine. Uwo mupasitoriyinjira mu rwinjiriro rw'ihoteri nari nashikiyemwo maze araza ngo duhure.Naciye mpaguruka, ndamuramutsa maze ntangura kuvugana na we. Ndamubaza nti : « Igihe mworonka akanya, noshobora kuvugana namwegatoya mucumba i wanje ?»

Aca aranyishura ati : «Ego cane, Mwene Data Branham.» Naciyendamujana mucumba i wanje hanyuma ndamubwira nti : « Mushingantahe Pasitori,mwebwe muva mu kindi gihugu, ariko uyu mupfasoni, arazwi cane ino. »Ndongera ndavuga nti : « Mwagize urugendo kuva ahantu kanaka gushikangaha ? » Aravuga ati : «Ego, Mushingantahe! »

Ndamubwira rero nti : « Nta bwoba mufise ko ivyo bizotuma mu...Sindabikeka, ariko nk'umupasitori, ntimwibaza ko ivyo bishobora gucafuza ukumenyekananeza kwanyu? Ntimwibaza ko twategerezwa kwerekana akarorero keza kurusha aho? »

Aranyishura ati: « Oh!Urya mupfasoni ni uwera! » Ndamubwira nti : « Sindabikekeranyako; ariko mwene Data, ukwiyekumenya ko abamwitegereza bose atari abera. Bitegereza ivyo mukora,nibaza ko mwategerezwa kwiyubara. Ndabibabwiye nka mwene So. Uyomugore yabiriwe incuro zine canke zitanu. »

Aca arambarira ati : « Ego, ndabizi.» Nca ndavuga nti : « Ariko ivyontimuvyigishamw'ishengero i wanyu, si uko ga mwene Data? »

Arambarira ati : « Oyaye, ariko murazi, narеretswe kuri ico kintu, mweneDataBranham. »

Ndavuga nti : « Ni uko ni vyiza cane. »

Arambarira ati : « Ni haba ataco bibononera, nibaza ko noshoboraguhubura akantugatoya ku kuntu mwigisha ivyo bintu. »

Ndamwishura nti : « Ndabikwemereye ndagomba kubimenya neza. »

Aratangura ati : « Ni uko, murazi, ivyo navyeretswe nsinziriye.»

Ndavuga nti : « Ah, oh ! (Nca ndabona rero ko zari inzozi).»

14 Aravuga ati : « Umugore wanje yarabana n'uwundi mugaboakabimpisha. Mu nyumaaraza arambarira ati : Oh, mukundwa, mbabarira ! mbabarira ! ndicuzakubona ivyo narabikoze. Guhera uyu musi nzokubera umwizigirwa. Ntankeka naramukunda cane ku buryo naciye ndamubabarira ata n'ibindi. Niuko rero, murabizi, nararonse insobanuro y'uko kwerekwa. Yari uyo mugorenyene. Ni koko ko yabiriwe izo ncuro zose. Ariko ni vyiza cane kuri we koasubira kurongorwa kuko Umwami aramukunda cane ku buryo ashoborakuja kurongorwa uko avyipfuza kwose. »40. Ndamubwira nti : « Mweretswe vyiza, ariko ngaha ukwo kwerekwa kurikure cane y'inzira yaciwe. Ivyo mukora si vyo ; murabona ko mutategerezwakubikora. »

15 Murabibona. Ariko mu Vyanditswe umurongo wose winjira mu wundi,igaca ija ku murongo umwe maze igahura. Aho umurongo umwe ugarukira,uwundi uca utangura maze ukabandanya gushika aho winjira muri umwe wambere kugira ngo ikintu gitomorwe neza. Ni nka rwa rukino baterateranyauduhimba kugira ngo hagire ikivamwo. Mutegerezwa kuronka agace gahuran'akandi. Nta n'ikindi kiba coshobora guhura neza na co ; uburuhiro ishushoiraheza ikagaragara. Hariho umwe wenyene ashobora gukora ivyo : ni waMwagazi w'intama kandi ni co gituma tumuhanga amaso.

Kandi twarabonye ko uwo yagendera kw'ifarasi ari umwe gusaakagendera kuri izo farasi, kandi twaramukurikiranye kuva ku ntangogushika kw'iherezo maze turabona ko yakoze uko nyene no mu bihevy'ishengero. Hanyuma iyo asohotse ari ku gikoko kimwe ngo akore ibintubimwe bimwe, turabona ko hari uwaca arungikwa kugira ngo agwanye ivyoyariko arakora.

16 Mu gihe ca mbere, harungitswe intambwe. Nta nkeka ko ryari Ijambo aririyo Kristo. Icakurikiye cabaye inyana, muri ca gihe c'umwiza mu giheishengero ryari ryahindutse idini maze ryemera imitegekere mu gishingoc'Ijambo. Kandi muribuka ko vyose vyari bishingiye ku bintu bibiri : Kimweni Antikristo, ikindi ni

Kristo.

N'ubu ni ko bimeze. Nta mukristo w'igice abaho. Nta woshobora kubaaborewe kandingo abe atanyoye ibiboreza, kandi nta nyoni yera hose ngo yongere ibeyirabura hose, ni ko ata muntu yoba uwera n'umunyavyaha icarimwe. Oya!Hari kimwe : uri umunyavyaha canke uri uwera. Nta kiri hagati na hagati.Hari kimwe : mwaravutse ubwa kabiri canke ntimwavutse ubwa kabiri.Hari kimwe : murujujwe Mpwemu Yera canke ntimwujujwe Mpwemu Yera! Naho mwoba mwaragize ibigumbagumba bingana gute, nimwababamutujujwe Mpwemu Yera, ubwo rero ntimwujujwe Mpwemu Yera! Arikonimwaba mwarujujwe Mpwemu Yera, ubuzima mubayeho buzovyerekana.Ivyo bizokwibonekeza; nta wuzorinda kubibwira uwundi awo ari we wese;bazobibona kuko ari ikimenyetso.

17 Igihe cose, twarabonye ivyo bikoko bigendagenda. Kimwe carungitswegifise igikorwa c'ugufataniriza hamwe ubushobozi bwa politike n'bushobozibw'amadini. Ariko twarabonye ko Imana yarungitse Inkomezi zayo kugirazigwanye ivyo vyose. Twaragarutse inyuma, turabona ibihe vy'Ishengeroivyo ari vyo kandi neza na neza uko ni ko vyari bimeze.

Hanyuma turabona haje ikindi gihe aho umwansi arungika antikristomw'izina ry'idini, mw'izina rya kristo, mw'izina ry'ishengero. Nta nkeka!Yagiye mw'izina ry'ishengero. Yavuga ati : «Iryo ni ryo shengero ry'ukuri.»Antikritso si Uburusiya. Antikristo si ivyo. Antikristo aregereye caneivy'ubukristo nyakuri ku buryo Bibiliya ivuga ko azozimizaabatatoranijwe bose.

18 Bibiliya ivuga ko mu misi ya nyuma, abatatoranijwe bose, ni ukuvuga koabatoranijwe batarimwo... Ni ivyerekeye abatoranijwe. Umwe wese murimwebwe, mwandike iri jambo ku ruhande kugira muje kuraba icorisobanura! Ni ivyerekeye abatoranijwe, abatoranijwe. Azohenda aboamazina yabo atanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi kuva isiitararemwa.48. Igihe wa Mwagazi yakererwa, amazina yaciye ashirwa muri ca Gitabo.Kuri uno mugoroba ahagaze mu Bwiza ahera nk'uwutuvugira, avugiraubugingo bwose izina ryabwo riri muri ico Gitabo. Kandi nta wundi atari Weazi iryo zina. Ni We wa wundi afise ca Gitabo mu kuboko kwiwe. Kandiarazi igihe uwa nyuma azokwinjirira. Ico gihe imisi yiwe yo kutuvugira izobairangiye. Hanyuma rero aregereza kugira ngo yegukire abo yavugiye. Ahorero ni ho ashitsa igikorwa ciwe c'Umucunguzi wo mu muryango wa hafi,hanyuma akaza ngo yakire abiwe.

19 Oo! Bene Data! Ivyo vyategerezwa gusunikira umukristo wese kukwisuzuma, akerekeza amaboko ku Mana maze akavuga ati : « Oh Mwami,ni unyeze! Suzuma ubugingo bwanje maze umenyeshe ibibi vyose bindimwohanyuma ndavyiyambure vuba na vuba. » Kuko namba umugororotsi akizwaagarukiye ku manga, utubaha Imana n'umunyavyaha bazoboneka hehe? Ni igihe co kwisuzuma!

20 Kandi nimwaba mwipfuza kubona aho ivyo vyose biri hanyuma mukabamushaka kurondera mw'Ijambo... (ndabasavye kutabimbazako ibibazongomba kuvuga ibibazo vyanditse, kuko ivyo vyotuma ntabandanya muri ikicigwa. Mbere nibaza ko vyinshi muri ivyo bibazo vyamaze kuzanwa). Turimu gihe c'itohoza ry'urubanza. Ni ivy'ukuri. Umwami ni yabigomba,tuzobibona mu kwiga za nzamba canke za nzavya. Tuzobona rero ivyerekeyeiryo tohoza riba neza na neza imbere y'uko ivyago bitangura, kandi tuzobonako ivyo vyose ari ivy'ukuri. Tuzobona ba bamarayika batatu bateza ivyagoisi basemerera bati : «Ibara, ibara, ibara rija kubonwa n'abari mw'isi.»

21 Turi mu gihe giteye ubwoba. Murabona, ibintu turimwo iki gihe, ivyoturiko turavuga muri aka kanya nyene, ivyo vyose biba Ishengero rimazekwitahira. Ivyo vyerekeye ca gihe ca vya vyago bihambaye. Kandi nibazako vyategerezwa gushimangirwa vyukuri mu mutima w'uwizera wese ko iriShengero ritazokwigera rica muri ca gihe ca vya vyago. Nta na hamwe murivya vyago mwoshira Ishengero! Murashobora gushirayo ishengero, arikoatari Umugeni. Umugeni azoba yamaze kugenda, kuko murabona, ntacaha na kimwe afise, nta na kimwe kimwagira. Ubuntu bw'Imanabwaramutwikiriye rwose, wa muti ukura amarabaga warakuyeho icaha cose,ugishiburira kure cane kuburyo kitacibukwa. Hasigaye gusa ugutungana. Wearatunganye imbere y'Imana; Oh, ivyo vyategerezwa gutuma Umugeni ajaku mavi maze akaririra Imana!

22 Ndiko ndiyumvira agakuru kamwe nagomba kubabwira, hamwentobatwara umwanya munini muri iyi ntangamarara. Hariho igitumandabikora : kugira ntangure ndarindira ko Mpwemu Yera aza, kuko ibi niibintu vyera. None ni nde azi ibi bintu? Nta n'umwe kiretse Imana yonyene.Kandi ntivyategerezwa guhishurwa. Nzobereka nkoresheje Bibiliya kobitategerezwa guhishurwa imbere y'uko iki gihe gishika. Uku ni ukurikutagabanije. Hari ivyo twahora twibaza ariko ubu dutegerezwa kwakiraUkuri kutagabanije, Ukuri kwemejwe.

23 Ni inkuru y'agakobwa kamwe ko mu Burengero kakunze umugabo yariyaragakunze. Yadandaza ibitungwa, agakorera ishirahamwe ryitwa Armour.Umusi umwe, umuhungu w'umutunzi umwe w'i Chicago yari yaje ngaho,kubw'ivyo baciye bakora umusi mukuru w'ivy'akaranga ko mu Burengero.Abakobwa bose bari bikoze neza uko bashoboye : bose bari bahizekumutahira kuko yari umuhungu w'umutunzi! Ni kwo guca bambara boseimyambaro iranga abaturuka mu Burengero. Ivyo ni vyo bikorwa mu burengero.

24 Mu mpera z'umwe muri mwene iyo misi mikuru y'akaranga, mweneData Maguire (Nibaza ko ari ngaha

kuri uyu mugoroba) yarafatiwe mugisagara atambaye za mpuzu zo kwiyoberanya bambara muri iyo misi mikuruy'imico. Yaciye atabwa mw'ibohero kandi vyabaye ngombwa ko arengukamuri Sentare y'i Kangaroo aho yaciriwe gutanga ihadabu kandi acaabwirizwa kuja kugura umwambaro ukwiye uranga abo mu Burengero.Narabonye ingene batembera mw'ibarabara bambariye ku gikenyerereoamabasitori maremare nk'uku. Barakunda kugaruka ku bihe vya kera mazebakagarukana imigenzo yo hambere.

Namwe muri Kentucky, mugerageza kugarukana kahise ko muBuseruko, mugasubira mu bihe vya Renfro valley n'abandi. Murakundakugaruka ku bihe vyiza vya kera! Hariho imvo zibituma. Ariko iyo hagezekugaruka ku Butumwa bwiza bw'inkomoko, ntimubigomba; mwigomberaikintu kigezweho.

25 Kubera iki umuntu akora ikibi? Ni iki kimutuma anywa inzoga cankeyigenza nabi? Ni iki gituma umugore yigenza nabi? Ni kubera ageragezaku... Muri uwo mugore hariyo inyota, muri uwo mugabo hariyo inyota.Hanyuma iyo nyota y'ivyera bagaca bagerageza kuyizimisha ivy'isi, mu giheImana ari Yo yategerezwa guheza iyo nyota. Yabaremye gurtyo kugira ngomugire inyota. Ni co gituma mugira inyota y'ikintu kanaka. Imanayabaremye gurtyo kugira ngo mwerekeze iyo nyota y'ivyera kuri Yo. Arikoiyo mugerageje kuzimya iyo nyota... mbega ivyo twubahuka gute kubikora?Nta burenganzira na bumwe mufise bwo kubikora, bwo kugerageza kuzimyaiyo nyota mufitiye ikintu kanaka... Mwerekeza iyo nyota mw'isi kugira ngomugerageze kuyivuna mukoresheje ivy'isi. Ntavyo mushobora. Hariho ikintukimwe gusa gishobora kuba inyishu y'ico kintu mukeneye na Yo ni Imana.Uko ni ko yabaremye.

26 Ariko rero abo bigeme bagerageje gufata imigenzo yo mu Burengerokubwo icubahiro c'uwo musore. Umwe wese muri bo yari azi neza koazotsindira uwo musore.

Muri iryo yororero hariho umwe muri bavyara babo, umwanaw'impfuvyi. Ni we yakorera vyose abo bandi bari barasize inzara zabo,murabizi, kandi batashobora kwoza ibikoresho vyo gukinjika no kurirakon'ibindi, bakoresheje intoke zabo zateguwe neza. Uwo mukobwa w'impfuvyini we rero yategerezwa gukora igikorwa cose kiruhije.

Rero mu nyuma wa musore amaze gushika, bose basohotsekumusanganira bari mu kaduga gakwegwa n'ifarasi, bambaye wa mwambaro w'ababa mu Burengero, barasisha amabasitori, no kugerageza kwiyerekananeza bongera bakina utugenegene.60. Kuri uwo mugoroba baratamvye bikomeye bavyina intambo za kera ahon'abarimyi borozi bose baje kugira ngo berekane intambo zabo za kera. Uyomusi mukuru wamaze imisi ibiri canke itatu.

27 Umusi umwe ku mugoroba, igihe uyo musore yari asohotse iyo nzubavyiniramwo kugira abe araruhutse, kandi aruhuka ivy'abo bakobwa akanyagato, maze yerekeje amaso kw'iyororero, yarabutswe agakobwa kambayeudushambara gafise indobo yuzuye amazi; kari gahejeje kwoza ibikoreshovyo gukinjika no kurirako. Ariyumvira ati : «Sinari bwigere ndakabona.Mbega kavuye hehe?» Yaciye agerageza kuzunguruka amazu y'uburaromaze aza guhura na ko aciye inyuma y'urugo rutahamwo amafarasi.

Nta birato kari kambaye. Gaca karahagarara. Kaguma kiyunamiye. Akogakobwa karamumenye maze kakumva isoni nyinshi imbere y'uwo muntuahambaye. Ako kigeme kari gusa kavyara k'abo bakobwa bandi. Se waboyari icegera c'uwurongoye iryo Shirahamwe rinini ryitwa Armour. Gurtyogaca kaguma kunamitse amaso, gafise isoni z'uko ata birato kari kambaye.

Uwo musore arakabaza ati : «Witwa gute?» Gaca karamwibwira.Arasubira arakabaza ati : «Kubera iki utari kumwe n'abandi hariya?» Asa n'uwurondera ivyo kwigovyora.

28 Bukeye ku mugoroba asubira kumukurikiza amaso. Arahava yicara kugiti co kwugarira igihe abandi bariko baratamba,binezereza na weakitegereza ingene gasuka amazi. Arakitegereza maze arakabwira ati : «Urazi intumbero nyakuri yatumye nza ngaha? » Aramwishura ati : « Oyaye,mushingantahe, nta yo nzi.»

Maze aravuga ati : « Naje ngaha kurondera umugeni. Nsanze wewe ufiseingeso abo bandi badafise.» Nca niyumvira kw'Ishengero ryanje. Maze reroaravuga ati : Mbega mwokwemera ko twabirana? »

Karamwishura gati : « Jewe, jewe? Ivyo sinonavyiyumvira! Jewe? »Murabitahura; yari umuhungu w'umutunzi akomeye. Yari we nyene ayomashirahamwe yose n'amazu y'iyororero yose yo muri ako karere bon'ibindi vyari bijanye n'ivyo.

Aravuga ati : «Ego! nta mugeni nashoboye kuronka i Chicago. Nkeneyegusa umugore nyakuri. Nkeneye umugore w'ingeso nziza. Kandi ivyonkeneye ndabibona muri wewe. » Aravuga ati : « Uragomba ko twabirana? » Karamwishura rero gati : « Emwe... (Ivyo vyari bigatangaje). Karavuga gati :« Ego.»

Araheza rero aravuga ati : «Ni uko!» Hanyuma akabarira ko azogaruka.Aravuga ati : « Witegure rero, mu mwaka umwe uhereye uyu musi,nzogaruka ndakujane maze ndagutware kure y'aha. Ntibizoba bigikenewe koukora nk'uko ukora ubu. Nzokujana i Chicago ndakwubakireyo inzu utigezekubona.» Karavuga gati : «Sinigeze ngira inzu, ndi impfuvyi.» Uyo musorearavuga ati : « Nzokwubakira inzu nyayo.» Arasubiramwo ati : «Nzogaruka !»

29 Ako gakobwa kabigumiza ku mutima umwaka wose. Gaca gakora ukogashoboye kwose kugira kaziganye ayashoboka kw'idolari kahembwa cankeku bindi kagererwa ku musi, kugira kigurire ikanzu y'ubukwe. (Iki niikigereranyo gitunganye c'Ishengero). Kaciye gategura imyambaro yako.Murazi, igihe kerekana iyo kanzu yako y'ubukwe, bavyara bako baravuzebati : «Ngw'iki ? Wa gasazi we ! Wibaza ko umugabo nk'urya yogira icoahuriyeko na we !»

Karavuga gati : « Ariko yarabisezeranye » Gati : « Yarabisezeranyekandi ndizera Ijambo ryiwe ! »

Nabo bati : «Yaragushinyagurije gusa. Iyo agira uwo ashima yariguhitamwo umwe mu bandi. »

Karabishura gati : « Ariko yarabinsezeraniye. Ndamurorereye ? » (Najewe!)

Haraca imisi. Uburuhiro wa musi uhava uragera. Umukwe wiweyategerezwa gushika isaha kanaka : ni ho rero kaca kambara ya kanzu yako.Ntikari bwanasubire kwumva bamuvuga ariko kari kazi ko azoza. Ni cogituma kambaye impuzu zako z'ubukwe maze karitegura. Ni ho rero bagenzibako batwenga nya gutwenga kuko wa mutunzi ahambaye yari yagiyekubonana n'icegera c'uwurongoye ayo mashirahamwe, kandi ntihagiran'umwe muri abo bakobwa agira na kimwe yumva. Uko ni ko ivyo vyosevyababereye ikinyegezwa.

30 Ni uko biri ! Ni ivy'ukuri ! Ariko ako gakobwa kari kubakiye vyose kurufatiro rw'ijambo ryiwe ryavuga ko azogaruka kubwako. Arikobaragashinyagurije, bifata ku rukenyerero maze bagatamba bakikuje akogakobwa, batwenga igitaburamunwa bakita agasazi. Ariko ko kigumira aho gusa, ataco kinona, ntikanashavura. Kari kifatiyeishurwe ryako mu ntoke kandi kiteguye, kambaye ikanzu y'ubukwe.Muratahura ko kariko karagwana urugamba (Umugeni wiwe na We nyeneariteguye) kari gafise amashurwe yako karindiriye. Maze ba bagenzi bakobavuga bati : « Ubu, twakubwiye neza ko bitari vyo. Urabona, ntaza !» Akogakobwa karavuga gati : « Nsigaranye iminota itanu. Azoba aje. »

Oh, baritwengeye gusa. Ariko neza na neza ya saha ya kera imazeguharura ya minota itanu, humvikanye umurindi w'amafarasi menshi hamwen'urwamo rw'urukeceri rusyegenya musi y'amakurudumu y'imikogote. Uwomukogote wa kera uca urahagarara.

Ka gakobwa gaca karasimba kava hagati ya bagenzi bako mazekarasohoka. Wa musore aca arasimba ava mu mukogote, ka gakobwakaramugumbira maze wa musore arakabwira ati : « Mukundwa, birarangiye.» Ka gakobwa gaca gatandukana na tumwe tuvyara twako (amadini),kadusiga aho tukitegereza maze kigira i Chicago aho kazoba.

31 Ndazi irindi sezerano rihambaye risa n'iryo : « Kandi ko ngiyekubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje,…» Barashobora kuvugako turi abasazi, ariko bene Data bakundwa, kubwanje, muri kano kanyanyene, ndavye ibi bimatanije ca Gitabo ingene bimenwa munsi y'ubushobozibw'ico kintu kidasanzwe, ndashobora gusa n'uwumva ugukubitakw'inshinge za ya saha kutwegereza buhoro buhoro mu bihe bidashira.

Ndashobora gusa n'uwubona wa mumarayika ahagaze harya mazeakavuga mu gihe c'ubutumwa bwa nyuma, ari bwo bwa wa mumarayikaagira indwi ati : «Ntibigitevye.» Umusi umwe wa mugeni agororotseazogurukira mu maboko ya Yesu igihe azomujana ngo amushikane mu nzuya Data. Twiyumvire kuri ivyo bintu igihe turiko dutera tuja imbere.

32 Mwitegereze igikorwa ca ya Ntambwe, ari We Jambo, ca ya Nyana, aribwo butame n'ikimazi ca bwa bukerebutsi bw'abaringanije ukundi gushaivy'ugusenga, mu nyuma haza igihe c'Inkukuma iza guhishura no gufataivyo bintu ngo ivyerekane.

Twarabonye kandi mu gikorane c'ejo ku mugoroba rya banga ryiza caneryashizwe ahabona igihe iki Kimatanije ca Gitabo, cugururwa, iryo ryaririnyuranye rwose n'uko nahora ndabitahura. Naribaza gusa ko ari ukuri.

33 Nahora niyumvira ko izo mpwemu z'abishwe bari munsi y'igicaniro ariba bakristo ba mbere bicwa, ariko ejo ku mugoroba twarabonye neza igiheImana yatwugururira iki kimatanije ca Gitabo ko ivyo bidashoboka na gato.Ntibari bo. Bari kure ahandi hantu mu bwiza. Twarabonye ko bari ba Bayuda bazoza mu gihe c'ihamagarwa ryabamwe 144.000, ari na vyo tuja kubona kuri uno mugoroba n'ejo. Bamwe 144.000 bahamagarwa hagati y'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije caGitabo. Twarabonye ko bari abishwe bahorwa intahe bashinze, ariko kobatari bwa… bari bambaye imvune ndende yera, amazina yabo yari muGitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'intama kandi umwe wese muri boyahawe imvune ndende yera.

34 Ivyo twarabisuzumye, kandi sinibaza ko hari abandi kw'isi atari uwomugwi w'Abayuda, bishwe imbere y'igihe ca vya vyago bihambaye. Mugihe c'intambara iherutse barageze aho bankwa na bose. Kandi Eichmannyishe amamiliyoni n'amamiliyoni yabo mu Budagi (Mwarumvise bavugaivy'urubanza). Amamiliyoni y'abantu ata co bazira baragandaguwe, bahorwagusa ko bari Abayuda, ata n'iyindi mvo.

Bibiliya ivuga ko bishwe bahorwa Ijambo ry'Imana bo n'intahebashinze. Kandi twarabonye ko Umugeni

ari Ijambo ry'Imana, ko ariigishingantahe ca Yesu Kristo. Abayuda nta gishingantahe na kimwe ca YesuKristo bari bafise.86. Kandi turabona ko Bibiliya ivuga ko Abisirayeli bose (Abisirayeli bosebatoranijwe) bazokizwa (Abaroma 11) Turabizi. Kandi twarabonye iyo mishaha…

35 Raba ingene biri hafi ! Kubera iki ivyo bidashobora kuba imbere ? Kukoivyo bintu bitari bwashike. Ariko ubu murashobora kubibona. Murabibona ?Mwitegereze uwo Mpwemu Yera w'Ubwiza, turabe ingene ivyo bintubishika mu gihe c'ibihe vy'Ishengero bo n'ibindi bihe maze ubu bikababiriko birahishurwa. Hanyuma nimwaraba muzoheza mubone ko ari ukuri.Ng'aho aho ibintu bigeze.

Ariko rero bari abishwe na Eichman muri ca gihe c'imbere ya vya vyagobikomeye. Ariko aba ni ikigereranyo gusa ca bamwe 144.000 binjira hagatiy'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije ca Gitabo. Kandi muri ico c'indwikimatanije ca Gitabo harimwo ikintu kimwe gusa, nta bindi : agacererek'igice c'isaha mw'Ijuru. Ubu rero Imana yonyene ni Yo ishoboraguhishura ivyo bintu. Ata na hamwe binagereranywa. Ivyo tuzobibona ejoku mugoroba Munsengere.

36 Mu gihe dutanguye iki ca gatandatu kimatanije ca Gitabo, turashoborakubona ko… Data wo mw'Ijuru ni adufashe, mu gihe dutanguye kwugururaiki ca gatandatu kimatanije ca Gitabo ! Dusome igice ca 6, guhera ku murongo wa 12 : « Kandi mbona amena ica gatandatu kimatanije ico gitabo,isi iratigita cane : izuba ririrabura nk'igunira ry'ubwoya, ukwezi kwoseguhinduka nk'amaraso : inyenyeri zo kw'ijuru zikorokera hasi, nk'ukoumusukoni uzungagizwa n'igihuhuta, ugahungurura insukoni zawozitararunguriza : Ijuru ririzinga nk'umuzingo w'igitabo kizinzwe : imisoziyose n'ibizinga vyo mu kiyaga vyose bikurwa ahantu havyo. Abami bo mw'isin'abaganwa n'abakuru n'abagabisha b'abasoda n'abatunzin'abanyenkomezi n'abagurano bose n'abidegemvya bose binyegeza mumasenga no mu bitandara vyo ku misozi. »

37 Mwitegereze ibi bintu. Murabona aba bantu b'abanyenkomezi ? Bakozeiki ? Bahawe kuri vino y'Uburake kubw'ugusambana n'umwe Maraya. Niuwo mugwi nyene wanyoye kuri vino yiwe. «… Babarira imisozin'ibitandara, bati Ni mutugweko, muduhishe inyonga z'Ivyagiye kuri iryaNtebe n'uburake bw'Umwagazi w'Intama, kuk'umusi uhambaye w'uburakebwabo ushitse, kandi ni nde ashobora guhagarara ?»

38 Mbega ukuntu gitanguye ! Ubu rero nimurabe ibi, aba bagendera kumafarasi n'ibi binyabugingo vyahangana na bo biba vyahagaritse igikorwacavyo. Ico gihe tuba twazamuwe. Mu nyuma tubona abishwe bari munsi yaya Ntebe. Abo bishwe ni Abayuda nyakuri batavirira Ivyagezwe bapfanyeukwizera kw'Abakristo… canke na ko bapfiriye mu kwizera kw'idini ryabo,kubera yuko batari gushobora kuba ari Abakristo.

Mwibuke ko Imana yabahumishije. Kandi bazoguma ari impumyi igihekirekire, gushika aho Ishengero ryo mu mahanga rizokurirwaho. Imanantiyitaho ubwo bwoko bubiri icarimwe, kuko binyuranye cane n'Ijambo ryayo.

39 Mwibuke ko yama ikorana n'Abisirayeli nk'ihanga. Ni ihanga ryaIsirayeli. Ikorana n'abanyamahanga umuntu ku giti ciwe. Ni abantubatowe mu banyamahanga. Abanyamahanga bategerezwa kuba bagizwen'abantu bava mu moko yose yo kw'isi, ni co gituma aha canke hariyaUmuyuda yinjira co kimwe n'abarabu, abo muri Irlande, Abahindi n'abandi.Umugwi w'abagize uwo Mugeni ugizwe n'abava mu moko yose yo kw'isi.

Mu gice ca nyuma ca ya mayinga mirongo irindwi, igihe hazoba hagezeko ikorana na Isirayeli, izokorana na Isirayeli nk'ihanga. Ivy'abanyamahangabizoba vyarangiye. Igihe kirageze (hashobora kuba muri iri joro nyene) ahoImana izotera ibitugu Abanyamahanga. Ni ukuri. Ni Yo yabivuze. «… kandii Yerusalemu hazosiribangwa n'abanyamahanga, kugez'aho ibihevy'abanyamahanga bizoshirira.» Ibihe birarangiye. Nta nkeka. Ni uko rero : «… uwanduye mu mutima n'ashishikare yandure, ugororotse n'ashishikareagororoke… » Murabona.

40 Nta maraso na mba aba akiri ku Ntebe y'Ubuntu mu rusengero. Ntamaraso aba akiri ku gicaniro. Ikimazi kiba cakuweho ; nta kindi kibakihasigaye atari umwotsi, imiravyo, n'urubanza. Ivyo ni vyo tuja kubona.Hano ku mugoroba ni vyo tuja kubona ingene bizosukwa !96. Umwagazi w'Intama aba yavuye mu gikorwa c'ubuhuza. Igikorwac'ubuhuza ntikiba kikiraho iyo hejuru kuri ya Ntebe, ikimazi na co (WaMwagazi w'Intama uvirirana amaraso waregereje usa n'uwakerewe,Umwagazi w'intama uvirirana amaraso wishwe, washishaguwe) ari WeMuvyeyi-Mucunguzi yegereza agakura ca Gitabo mu kuboko kwayo, nk'ukotwavyerekanye neza mu buryo bw'ibigereranyo. Aho rero ni ho igihe kibakirangiye. Ico gihe rero aba aje kwishuza ivyo yacunguye ! Amen ! Ivyobitumye niyumvamwo ikintu kimwe !

41 Ubu rero turabona ko Yohana avuga ati : «Kandi mbona amena icagatandatu kimatanije ico gitabo, isi iratigita cane…» Ubwo rero ivyaremwevyose birahungabana. Imana yakoze ibintu bikomeye nko gukiza abagwayeno guhumura impumyi ; yakoze ibintu bikomeye, ariko ngaha turabona koivyaremwe vyose bihungabana. Ego, ivyaremwe vyose uko bingana.

Murabe ibica bishika. Habaho ugutigita kw'isi, izuba rigacura umwiza,ukwezi ntikuba kugitanga

umuco, inyenyeri zikanyiganyizwa mazezigakoroka. Ivyo vyose bishika neza na neza mu gihe ica gatandatukimatanije ca Gitabo kimenwa. Ico gihe ni ho ivyo bica bishika, ubwo nyeneinyuma ya bimwe vyabwirwa bamwe bishwe. Igihe ca bamwe bishwecararangiye.

42 Murabona ko ubu rero twegereje cane ico gihe. Ivyo bishobora kubaumwanya uwo ari wo wose kuko Ishengero risa n'iryiteguriye kuzamurwa.Ariko mwibuke ko igihe ivyo vyose bizoshikira, Umugeni atazoba akirikw'isi. Mwibuke ko Umugeni aba yamaze kugenda. Ntazorinda guca mukintu na kimwe muri ivyo ! Ico ni igihe c'uguhamwa kugira ngo ishengeroryezwe. Ni igipimo rigeragereshwa kandi ritegerezwa gucamwo. Atariumugeni. Uwo yatoranije mu mutima wayo. Iramukura mu nzira. Nta nkeka.Yaramucunguye. Ni We yamuhisemwo, ni uguhitamwo kwayo bwite, nk'uko umugabo ahitamwo umugore.

43 Ubu rero ku bijanye n'ukwo gutigita kw'isi, reka duhuze Ivyanditswen'ibindi. Mbega murafise ikaramu n'urupapuro ? Nagomba ko mugira ico munkorera. Ni mwagomba kugira ivyo mwandika ni mubikore kiretse nimwaba muzoronka amakaseti. Nagomba ko tujana mu gusoma nk'uko mubimenyereye. Duhuze Ivyanditswe n'ico kintu gihambaye kizoshika, kugira ngo tubone neza icokinyegezwa gikomeye canke ibanga rinyegeje muri kimwe ca gatandatukimatanije ca Gitabo c'Ugucungurwa. Ariko mwibuke ko ayo mabanga anyegejwe. Kandi ica gatandatukimatanije ca Gitabo kikaba ari igice c'ico Gitabo gihambaye. Hariho ibitabobitandatu bizingiye hamwe, iyo bizinguruwe bishira ahabona ca Gitaboc'Ubucunguzi cose uko kiri. Ukwo ni ko isi yose uko ingana yacunguwe.

44 Icatumye Yohana arira ni iyo habura umuntu n'umwe yugurura icoGitabo, aho rero ivyaremwe vyose, vyose vyari bitakaye. Ivyaremwe vyociyebisubira kuba utuzatsa, uduce duto duto n'umuco wo mu kirere ; ntavyaremwe vyosubiye kubaho, nta n'umwe, nta na kimwe, kuko Adamuyari yatakaje uburenganzira kuri ico Gitabo. Yabutakaje igihe yumvira umugore wiwe, ari we yumviye ivy'ubwenge bwa Satani aho kwumvira Ijambo ry'Imana. Yahevye uburenganzira bwiwe bwose. Ariko ico Gitabo nticashoboraguca kija mu maboko yanduye ya Satani yashutse Eva amukura mu nziraigorororotse. Ni co gituma casubiye kwa Nyene co, uwo cakomotseko, cokimwe n'urupapuro rwose rwemeza uburenganzira ufise ku kintu. Caciyegisubira ku Wo cakomotseko, ari We Mana, Umuremyi. Ni We yagishizehokandi ni We akizigamye.

45 Hari ikiguzi c'ubucunguzi. Hariho ikiguzi categerezwa gutangirwaubucunguzi, kandi nta n'umwe yari gushobora kukiriha. Ubwo reroiravuga… yari ifise amategeko yayo yerekeye Umuvyeyi-Mucunguzi, arikonta n'umwe yari yashoboye kuboneka. Umuntu wese avuka biciye ku gitsina, kubw'ukwipfuza kw'umubiri.Umuntu wese yari hariya kumwe na Satani na Eva mu caha c'inkomoko, nico gituma ata co yari gushobora gukora. Nta na kimwe kibereye muri we :yaba papa, patiri, umwigisha muri Tewolojiya, yaba n'uwundi uwo ari wewese, nta n'umwe abereye. Uwo ntiyashobora kuba umumarayika kukoyategerezwa kuba Umuvyeyi. Yategerezwa kuba ari umuntu. Uko ni ko reroImana ubwayo yigize Umuvyeyi mu kwambara umubiri w'umuntu biciye mukuvyarwa n'inkumi, mu nyuma asesa amaraso yiwe.

46 Ntiyari amaraso y'umuyuda, ntiyari amaraso y'umuntu wo muBanyamahanga. Yari Amaraso y'Imana. Bibiliya ivuga ko twacunguwen'amaraso y'Imana. Umwana agira amaraso ya Se. Turabizi. Hari ikintukiri mu kigabo gihingura amaraso. Inkokokazi irashobora guta irigi : iyoitamenyanye n'isake, iryo rigi ntirizovamwo ikintu ; ntirishobora kuvamwoumuswi. Umugore arimwo igitereko gusa kijamwo irigi, ariko urubutoruva mu mugabo, rero muri ico gihe, umugabo yari Imana ubwayo !

47 Ng'ico igituma mvuga ko ikiri hejuru kiba kiri hasi, igihambaye na cokikaba ari gito. Imana yari Ihambaye ku buryo ifata ubwayo imero y'akabutogatoya mu gitereko c'inkumi. Kandi i ruhande y'ivyo, ica yikorera udusyasyan'amaraso, iravuka, hanyuma irererwa kw'isi. Vyahereye kuri iryo tanguriroritavanze, atakwipfuza kw'umubiri namba.

Hanyuma aduha amaraso kuko yari yacitse Umuvyeyi wacu. YariUmuvyeyi-Mucunguzi. Yarasheshe ayo maraso ata kinubwe. Ntivyaringombwa ko ibikora. Yayatanze ata kinubwe kugira ngo aducungure.Hanyuma aca aduga ku gicaniro c'Imana, maze akarindiriraho, mu giheImana ifise mu minwe Igitabo cayo c'Ubucunguzi. Wa Mwagazi w'Intamaavirirana amaraso yari aho ku gicaniro gitangirwako ikimazi. Ni wa Mwagaziw'Intama yagenewe gucungura. Aratuvugira.

48 None ni gute bubahuka kuvuga ko Mariya, Yosefu canke umuntu uwoari we wese apfa ashobora kuba uwutuvugira ? Ntimushobora kugira uwomuvugira hatabonetse Amaraso. Nta nkeka ! Hari umuhuza umwehagati y'Imana n'umuntu kandi ni Kristo Yesu. Ni ko Ivyanditswebivuga. Raba ko ari ho ahagaze gushika aho Ubugingo bw'uwa nyumabuzocungurirwa, hanyuma ace yegera ngo yishuze ivyo yacunguye.

Oh, mbega ukuntu Data ahambaye ! Mwibuke ko namye nigisha ibi,ngo : « Ijambo ryose ryemerwa habonetse ivyabona bibiri canke bitatu. »,kandi Ivyanditswe…

Ntimushobora gufata ahantu hamwe mu Vyanditswe hanyuma ngohagire ico musigura mwishimikije aho hantu ata kindi kintu kihari bijanye.Murabibona. Ndashobora gufata ahantu hamwe mu Vyanditswe havuga ngo :«Yuda aca aja kwimanika. » n'ahandi havuga ngo : « Genda maze ukorenk'uko nyene... » Ariko, murabona ko ivyo bitohuza n'ibindi.

49 Nariko niyumvira muri ico ca gatandatu kimatanije ca Gitabo igiheMpwemu Yera yariko aracungura. Gurtyo rero nca mbona ico ari co,hanyuma nca niyumvira ko vyoba vyiza ndabihereje ikoraniro ryanje mubundi buryo kuri uno mugoroba, kuko ivyo bishobora kubaruhisha mu gihe ata kindi mwokora atari ukwumviriza ivyo mvuga umwanya wose. Ni co gituma niyumviriye ko twohindura ingene dukora gatoya.

50 Murabe ibi, ni ukuvuga ko iki kintu gihambaye kizoshika carikimatanishije ishashara muri ca Gitabo c'ibanga ry'Ubucunguzi. Ubu rero waMwagazi w'Intama agifise mu kuboko kwiwe kandi agiye kukimena.

Turabe muri Matayo mu gice ca 24, Wa Mwagazi w'Intama ni Weubwiwe ariko aravuga. Kandi turazi twese ko Kristo ari we Nyene ico Gitabocose, ariko ku vyerekeye iyi mirongo, ni Ijambo canke Ubutumwa yabwiyeubwoko bwiwe ari bo Bayuda.

51 Ubu rero nagomba ko mufata Bibiliya zanyu nk'uku : muzigumizezuguruye muri Matayo 24 no mu Vyahishuriwe Yohana 6 kuko hari ivyotugiye guhuza muri ivyo bice bibiri. Ubwo rero mukurikire neza hanyumamuraja kubona ivyo ari vyo. Murabe ivyo wa Mwagazi w'intama yerekananeza ngaha mu buryo bw'ibigereranyo, ivyo avuga mw'Ijambo, ivyo avuganeza na neza. Ivyo ni vyo vyemeza ko ari ukuri. Vyose bifatiye ngaho ! Ahahariho ahantu We avuga, aha na ho turabona aho ivyo bishika. Ni icemezogusa gitunganye !

Dusome muri Matayo 24 maze tuhahuze n'Ivyahishuriwe Yohana 6.Turazi twese ko ari igice abanyabwenge bose, abantu bose bishimikizabavuga igihe ca vya Vyago bihambaye. Ico gihe tugisanga muri Matayo 24.

52 Turazi rero ko ica gatandatu kimatanije ca Gitabo ari ikimatanijec'urubanza. Ni ikimatanije c'urubanza. Neza na neza ni ko kiri. Ubu rerondibaza ko twabonye Antikristo agendera kw'ifarasi hanyuma tukabonaIshengero rizamurwa, ubu biba bimaze kurangira. Hanyuma duca tubona baBayuda bishwe bari munsi y'igicaniro. Ubu rero raba ko urubanza rucarusomerwa bwa bwoko buvuye mu rubanza rwa vya Vyago bihambaye. Ahoni ho havamwo ba Bayuda 144.000 bacunguwe. Ndabereka ko ari Abayudaatari abanyamahanga. Abo nta ho basa basana n'Umugeni, haba na mba.Twabonye ko Umugeni aba amaze kugenda. Uwo nta handi mwoshobora kumuronkera ikibanza, we asubira kuboneka mu gice ca 19 c'Ivyakozwe.

53 Raba rero ko ica gatandatu kimatanije ca Gitabo ari ikimatanijekirimwo urubanza rw'Ijambo. Ariko tubanze dusome Matayo 24. Hari iconashaka gusa ko turonderera hamwe. Ni uko, turatangura dusome kumurongo wa mbere gushika ku wa gatatu.«Yesu arasohoka ava mu rusengero ; akigenda abigishwa biwebaramwegera ngo bamwereke inyubako y'urusengero. Arababwira ati Ntimubona ivyo vyose ? Ndababgire ukuri : Aha ntihazosigazwa ibuyerigeretse ku rindi, ridasamburiwe hasi. Yicaye ku musozi wa Elayono,abigishwa biwe baramwegera bihereranye, baramubaza, bati Tubwire, ivyobizobaho ryari, kandi ikimenyetso kizoba iki c'ukuza kwawe n'ic'umuherow'isi ?»

54 Duhagararire ngaha. Iyi mirongo itatu mu vy'ukuri ishika ku wa kabiriigenekerezo rya 4 ukwezi kwa kane umwaka wa 30, inyuma y'ukuvuka kwaYesu Kristo inyuma y'umutaga. Ivy'iyo mirongo ibiri ya mbere vyabaye kuwa kane, ukwezi kwa kane inyuma y'umuhingamo, ariko ivy'umurongougira gatatu biba ku mugoroba w'uwo musi nyene.

Bagiye mu Rusengero maze baramubaza bati : « Mbega ibi n'ibiubivugako iki ? Itegereze uru rusengero ingene ari runini : Ntubona ko arirwiza cane ? »

Arabishura ati : « Nta buye rizosigara rigeretse ku rindi. »

Hanyuma aduga ku musozi maze yicaraho (hari inyuma y'umutaga),aho rero ni ho bamubaza bati : « Hari ibintu bimwe bimwe twagombakumenya. »

55 Mwitegereze neza ngaha ko hari ibibazo bitatu vyabajijwe n'Abayuda,n'abigishwa biwe. Habajijwe ibibazo bitatu. Mwihweze ibi.Ubwa mbere : « … Ivyo bizobaho ryari ? (ni ryari hatazosigara ibuyerigeretse ku indi ?)… »Ubwa kabiri : « …kandi ikimenyetso kizoba iki c'Ukuza kwawe ?... »Ubwa gatatu : «… n'ic'umuhero w'isi ? » Murabibona ?

Hari ibibazo bitatu kandi aho ni ho benshi bihendera. Bashira ivyo bintumu gihe kanaka kandi We yishura ku bibazo bitatu. Murabe ingene ivyovyose ari vyiza !

Umurongo wa gatatu canke nako agace ka nyuma k'umurongo wagatatu : « …kandi ikimenyetso kizoba iki …». Ubwa mbere, baciye bagendakumwihereranya ku musozi wa Elayono, bamubaza bati : «Tubwire, ivyobizobaho ryari ? … » ni ikibazo ca mbere),« kandi ikimenyetso kizoba iki c'Ukuza kwawe ?... (ni ikibazo ca kabiri) ; «n'ic'umuhero w'isi ?» (ni ikibazo ca gatatu). Murabona ko hari ibibazo bitatu bitandukanye.

56 Ubu rero nagomba ko muzingurura ngaha mukihweza ingene Yesuababwira ivyo bintu. Ni vyiza cane ! Ivyo bintera…Mbega kuri wa mugorobanakoresheje ijambo irihe ? Ugusisimuka kuvuye ku guhishurirwa !

Dusubire inyuma duhere ku ca mbere kimatanije iki Gitabo, hanyumatugereranye iki ca mbere kimatanije ico Gitabo hamwe n'ikibazo ca mberebo n'ikibazo kimwe kimwe cose. Tubigereranye kuva ku ntango kugera kumpera maze turabe ko ibi bintu bitagenda bifatanye, nk'uko twabibonye mukwugurura ibihe vy'Ishengero aho ivyo vyagenze neza na neza nk'ukonyene. Ubwo rero iki Kimatanije kiruguruye bikwiye.

57 Tugira tubisome : «Yesu, arabishura, …» Agira atangure kubishurakandi tugomba tubihuze n'ivyo bimatanije ca Gitabo. Ukumenwa kw'icambere kimatanije ca Gitabo kuvugwa mu Vyahishuriwe Yohana 6: 1-2, ahotugira dusome. « Mbona Umwagazi w'Intama amena kamwe muri twadushashara ndwi tumatanije ca Gitabo : numva kimwe muri vyabinyabugingo bine kivuga nk'ijwi ry'inkuba, kiti ngwino. Mbona ifarasiy'igitare kandi uwuyicayeko yari afise umuheto, ahabwa igitsibo, agendaanesha kandi ngo yame anesha.»

Mbega twasanze uyo ari nde ? Antikristo. Ubu rero turabe Matayo 24 :4,5 : «Yesu arabishura ati mwirinde, ntihagire ubazimiza. Kuko benshibazoza mw'Izina ryanje, bati ni jewe Kristo, kandi bazozimiza benshi. »

58 Murabibona? Antikristo! Iki ni co ca mbere dufise kimatanije ca Gitabo.Aha yaramudondeye kandi aha iki kimatanije ca Gitabo kiruguruwe.Biratunganye gusa. Ubu rero, ica kabiri kimatanije ca Gitabo : Matayo 24 : 6n'Ivyahishuriwe Yohana 6:3,4. Turabe ico muri Matayo 24 : 6 havuga : «Muzokwumva intambara n'impuha z'intambara : Mwirinde, ntimuhagarikeimitima ; kuko bitazobura kubaho, ariko umuhero uzoba utaraza. »

Ni uko! Dufate ica kabiri kimatanije ca Gitabo (Ivyahishuriwe Yohana6 : 3-4) maze twihweze uko havuga : « Kandi amenye ica kabiri kimatanijeca Gitabo, numva ikigira kabiri mu binyabugingo, kiti ngwino. Haza iyindifarasi y'akagajo, uyicayeko ahabwa gukura amahoro mw'isi, ngo bicane :kandi ahabwa inkota ndende. »

59 Ni ivyo nyene, birahuye neza! Oh, ndakunda ko ikibazo co muVyanditswe cishurwa n'Ivyanditswe ! Mweho ? Mpwemu Yera ni Weyanditse ivyo vyose kandi ashoboye no kubihishura. Ubu rero reka turabe icagatatu kimatanije ca Gitabo. Aha havugwa amapfa. Dusome Matayo 24 : 7-8 : « Kukw'ihanga rizotera irindi hanga, n'ubwami buzotera ubundi bwami; amapfa no kunyiganyiga kw'isi bizobaho henshi, ariko ivyo vyose niitanguriro ryo kuramukwa. »134. Aha ni ho ivyo vyose bishika. Ivyahishuriwe Yohana 6. Ubu rero tugiratwugurureica gatatu kimatanije ca Gitabo, mu Vyahishuriwe Yohana 6 : 5-6 : « kandiamenye ikigira gatatu kimatanije ca Gitabo numva ikigira gatatu mubinyabugingo, kiti ngwino. Mbona ifarasi y'agapfiri : kandi uyicayeko yariafise umunzane mu minwe. Numva hagati y'ivyo binyabugingo bine nk'ijwirivuga rit'Ingero imwe y'ingano n'idenariyo, idenariyo, n'ingero zitatu zaSayiri n'idenariyo, idenariyo : ariko amavuta na vino ntugire ico ubikoreko.»135. Amapfa, murabibona ? Neza na neza ni ico nyene kimatanije ca Gitabo !Ni bimwenyene Yesu yavuga. Ni uko, ica gatatu kimatanije ca Gitabo. Ni ikizan'urupfu. Mwitegereze Matayo 24, aho turasoma imirongo y'indwin'umunani, ndibaza ko aha ari ica kane kimatanije ca Gitabo. [Mwene DataBranham arihenze ariko arabihubura imbere gato -U] Ni uko ! Oh, mbegansomye ibiki ? Mbega hari ico nasomye kitari co ? Ego, yamara narinavyanditse ! Ego ! Ubu rero turahashikiriye. Dusome!

60 Dusome umurongo w'indwi uvuga ku vy'ico ca kane kimatanije caGitabo, hamwen'imirongo ya 6,7 na 8 mu Vyahishuriwe Yohana. Turabe… Ego ! Matayo24 : 7- 8«Kukw'ihanga rizotera irindi hanga, n'ubwami buzotera ubundi bwami,amapfa no kunyiganyiga kw'isi bizobaho henshi, ariko ivyo vyose niitanguriro ryo kuramukwa. »

Ubu rero ica kane kimatanije ca Gitabo. Dusome Ivyahishuriwe Yohana6 : 7 - 8« Kandi amenye ica kane kimatanije ca Gitabo, numva ijwi ry'ikigira kanemu binyabugingo, kiti ngwino. Mbona ifarasi ibenjutse…»

61 Murindire gato, nibaza ko nihenze. Turabe... Umurongo w'7 n'uwa 8,Matayo 24, umurongo w'indwi n'uwa 8. Ni ukwugururwa kw'ikigiragatatu, si ko? Matayo 24 : 7- 8. Nimumbabarire! Aha ni itangurirory'amapfa.

Hanyuma habaho ibiza n'urupfu... Ego, turahashitse; imirongo ya 7 na8, ego, ni ica kane kimatanije ca Gitabo. Turabe aho ico ca kane kimatanijeca Gitabo kiri. « …Kandi amenye ica kane kimatanije ico Gitabo ... » Ego, ni uwugendera kw'ifarasi ibenjutse, ari we Rupfu, murabibona ? « Mbonaifarasi ibenjutse, kandi uyicayeko yitwa Rupfu, Kuzimu nawe aramukurikira,bahabwa ububasha ku kigira kane c'isi, ngo babicishe inkota, n'inzaran'urupfu n'ibikoko vyo kw'isi. » Murabona, ubu rero yari Rupfu!

62 Ubu rero ica kane kimatanije ca Gitabomuri Matayo 24 : 9-13. Turabe ko ntasubiye kwihenda. Ni uko! « Ni hobazobatanga ngo muzigirizwe, bazobica (twahashitse!) kandi muzokwankwan'amahanga yose, abahora Izina ryanje. Ni ho benshi bizobatsitaza,bazoryarukana, bazokwankana. Kandi hazokwaduka abigira abavugishwan'Imana benshi, bazimize benshi. Maze kuko ubugarariji buzogwiraurukundo rw'abenshi ruzotimba. Ariko uwihangana, agashitsa kw'iherezo niwe azokira.»

Ubu rero tugeze ku ca gatanu kimatanije ca Gitabo, twabonye ejo kumugoroba. Murabibona? Bazobatanga ngo muzigirizwe... bazoryarukanan'ibindi n'ibindi.

63 Turonse ico ca gatanu kimatanije ca Gitabo. IvyahishuriweYohana 6 : 9 - 11 : « Kand'amenye ica gatanu kimatanije ico Gitabo, mbonamusi y'igicaniro impwemu z'abishwe babahora Ijambo ry'Imana nogushinga intahe bari bafise. Batakambisha ijwi rirenga, bati Databuja weraw'ukuri, uzogeza ryari kudaca amateka no kudahora abari mw'isi amarasoyacu? Umuntu wese muri bo ahabwa imvune yera, babarirwa kumara iyindimisi baruhuka, gushitsa aho igitigiri c'abagurano bagenzi babo na bene Se,bagira bicwe nka bo, kizoshikira. »

64 Murabona ko muri iki ca gatanu kimatanije ca Gitabo tubona abishwe.Kandi muri Matayo 24 : 9- 13 « Niho bazobatanga ngo muzigirizwe, kandi bazobica ... », n'ibindi n'ibindi, ni ico kimatanije ca Gitabo. Nyenecuguruwe.143. Ubu rero tugiye twashika ku ca gatandatu kimatanije ca Gitabo. Matayo24 imirongo ya 29, 30. Turaja kubona n'Ivyahishuriwe Yohana 6 : 12 - 17.Ivyo ni vyo nyene tuja gusoma.144. Ubu rero twumvirize ibi. Ni vyo Yesu avuga muri Matayo 24 imirongoya 29 na 30 « Hanyuma y'ayo marushwa y'ico gihe ( murabona ko ayomarushwa ari amarushwa asanzwe baciyemwo ), uwo mwanya izuba rizocuraumwiza, n'ukwezi ntikuzoba kucaka umuco wakwo, n'inyenyerizizokoragurika zive kw'ijuru, n'ivy'inkomezi vyo mu majurubizonyiganyizwa. Bun'ikimenyetso c'Umwana w'umuntu kizoboneka kw'ijuruni ho amoko yose yo mw'isi azoboroga, bazobona Umwana w'umuntu aje mubicu vyo kw'ijuru ari n'ububasha n'ubwiza bwinshi. »

65 Ubu rero dusome mu Vyahishuriwe Yohana 6 : 12 - 17, ica gatandatukimatanije ca Gitabo, ico kimatanije ni co tuja kwigako uyu musi. « Kandimbona amena ica gatandatu kimatanije ico Gitabo, isi iratigita cane : izubaririrabura nk'igunira ry'ubwoya; ukwezi kwose guhinduka nk'amaraso :inyenyeri zo kw'ijuru zikorokera hasi nk'uk'umusukoni uzungagizwan'igihuhuta ugahungurura insukoni zawo zitararunguriza : ijuru ririzinga,nk'umuzingo w'igitabo kizinzwe : imisozi yose n'ibizinga vyo mu kiyayavyose bikurwa ahantu havyo. Abami bo mw'isi n'abaganwa n'abakurub'abagabisha b'abasoda n'abatunzi n'abanyenkomezi n'abagurano bosen'abidegemvya bose binyegeza mu masenga no mu bitandara vyo ku misozi;babarira imisozi n'ibitandara bati :ni mutugweko, muduhishe inyongaz'Ivyagiye kur'irya ntebe n'uburake bw'Umwagazi w'Intama; kuk'umusiuhambaye w'uburake bgabo ushitse, kandi ni nde ashobora guhagarara? »

66 Ni ivyo nyene.Ariko dusubire inyuma turabe ivyo Yesu avuga muriMatayo 24:29-31. Nimwumve! (Mwiyumvire ku vyerekeye Eichmann,n'abandi) : « Hanyuma y'ayo marushwa y'ico gihe, uwo mwanya izubarizocura umwiza, n'ukwezi ntikuzoba kucaka umuco wakwo, n'inyenyerizizokoragurika zive kw'ijuru, n'ivy'inkomezi vyo mu majurubizonyiganyizwa. Buno ikimenyetso c'Umwana w'Umuntu kizobonekakw'Ijuru, ni ho amoko yose yo mw'isi azoboroga, bazobona Umwanaw'Umuntu aje mu bicu vyo kw'ijuru ari n'ububasha n'ubwiza bwinshi.Azotuma abamalayika biwe n'ijwi rirenga ry'inzamba, bakoranyeabatoranijwe biwe, bave mu birere bine, guhera iyo ijuru ritangurira kugezaiyo riherera.»

67 Duhuze neza ivyo Yesu avuga muri Matayo 24 n'ivyo Yohana avugamu ca gatandatu kimatanije ca Gitabo. Yesu avuga ivy'igihe ca vya vyagobihambaye. Murabitahura?148. Baciye batangura kumubaza igihe ivyo bintu bizoshikira, igiheurusengero ruzokurirwaho. Yarabishuye. Hanyuma babaza igihe hazoshikiraca gihe c'abishwe. Barabajije igihe bizobera, igihe Antikristo azohagurukira,n'igihe Antikristo azokuriraho rwa Rusengero.

68 Twoshobora gusubira inyuma tugahera kuri Daniyeli, igihe yavuga kouwo segaba azoza... mwebwe musoma Bibiliya, murabizi. None azokoraibiki? Azokuraho ikimazi gihora gitangwa uko bukeye, kandi hazobaho ivyovyose bizoshika muri ico gihe.

Yesu mu kubivuga ngaha, yarabishimitseko . Aravuga ati : « Nukw'ahomuzobonera ca kizira c'ubuyobe bw'ubugesera, gihagaze ahantu hera,cavuzwe na Daniyeli yavugishwa n'Imana,...» Ivyo ni iki? Wa musigiti witiriwe Omar wubatswe mu kibanza ca rwa Rusengero, inyuma y'ahorutuririwe. Yaravuze kandi ati : « ico gihe abazoba bari i Yudaya bazebahungire ku misozi miremire, uzoba ari hejuru ku nzu ntaze yururutswe nagusahura ibiri mu nzu yiwe; uzoba ari mu mirima ntaze asubire inyuma kukokizoba ari igihe c'amarushwa ahambaye. .» Murabibona? Kandi ivyo bintuvyose vyarashitse kandi birabandanya gushika n'ubu bikemezwa gushika kukwugururwa kw'iki ca gatandatu kimatanije ca Gitabo.

69 Ariko murabe neza ibi (tuzobibona ejo ku mugoroba). Yesuntiyashizemwo inyigisho y'ic'indwi kimatanije ca Gitabo. Nta yirimwo.Murabe ingene mu kubandanya aca avugira mu migani ubwo nyene inyumay'ivyo. Yohana ntiyashizemwo ic'indwi kimatanije ca Gitabo, ari co canyuma. Kizoba ari ikintu ciza cane. Nta n'icanditswe kuri co. Bompintibashizemwo ico c'indwi kimatanije ca Gitabo. Yohana yavuze ikintukimwe gusa : « ... haba agacerere mw'ijuru... » Yesu nta n'akajamboyabivuzeko.

Dusubire kuri wa murongo wacu wa 12. Kuri uwo murongo wa 12 niho dutangura kubona iki kimatanije ca Gitabo cugururwa. Nk'uko biri mu cagatanu kimatanije ca Gitabo, na hano nta kinyabugingo kihavugwa. Kuberaiki none? Ivyo bintu biba igihe c'ukuvuga Ubutumwa bwiza carenganye, mugihe ca vya vyago bikomeye.

70 Ica gatandatu kimatanije ca Gitabo, ni igihe ca vya vyagobikomeye. Ni vyo bikiberamwo. Murabona ko Umugeni aba yamazekwigira. Nta binyabugingo biba bikihari, nta n'umwe ashobora kuvuga... Icogihe rero Imana ntiba igikorana n'Ishengero; riba rimaze kugenda. Icogihe Iba iriko ikorana n'Abisirayeli. Ni ikindi gihe. Ni igihe Isirayeliihabwa Ubutumwa bw'Ubwami na ba bavugishwa n'Imana babiri bo muVyahishuriwe Yohana 11.

Mwibuke ko Isirayeli ari Ihanga, ihanga riri mu gikorwa c'Imana.Kandi Abisirayeli binjiye, kiba ari ikintu kiraba ihanga ryose. Isirayeli, igihec'Ubwami, ni igihe Umwana wa Dawidi aja ku Ngoma.

71 Ni co gituma wa mugore yasemerera avuga ati : « Oh! Ewe Mwana waDawidi » Imana yarahiye Dawidi ko izomuhagurukiriza umwanaazomusubirira ku Ngoma kandi ko izoba ari Ingoma ihoraho. Ntizohangura.Salomo ni we yabaye ikigereranyo ciwe aho yubaka rwa Rusengero. ArikoYesu yarababariye ati nta buye rizosigara rigeretse ku rindi; none avuzenk'uko yariko agerageza kubabwira iki? Yababwira ivy'ukugaruka kwiwe. » Bati : « None uzogaruka ryari? » Na we ati : «Ivyo bintu bitegerezwakuba imbere y'ukugaruka kwanje.» Kandi ehe raba birashitse!

Aha rero ni igihe ca vya vyago bihambaye. Mwibuke ko igihe ubwamibuzoba bwashinzwe kw'isi ... Ivyo birashobora kubababaza gatoya, arikontimutinye kumbaza nimwaba mutabizi kuko gushika ubu ni ho ngitanguraiki cigwa. Muri kwa kuganza kw'imyaka igihumbi. Isirayeli ni yo izoba ariihanga. Ya miryango cumi n'ibiri izoba igize ihanga, ariko Umugeni weazoba ari mu Kirimba. We ico gihe azoba ari Umwamikazi. Aba ari Umugorekandi abo kw'isi bose bazoza muri ico gisagara ari co Yerusalemu, kugirabahazane ivyiza vyabo. Kandi amarembo yaco ntazokwugarwa mw'ijorokuko ata joro rizobaho. Amarembo yaho azoguma yuguruye kandi abami bokw'isi (Ivyahishuriwe Yohana 22) bazozana ivyiza vyabo n'icubahiro cabomuri ico gisagara, ariko Umugeni azokibanamwo na wa Mwagazi w'intama.

72 Oh, bene Data, ivyo murabibona? Umugeni we ntazosohoka ngo ajegukora mu ruzabibu. Haba na mba! We ni Umugeni, ni Umwamikaziw'Umwami! Abandi ni bo bazokora hariya hanze, abo mu mahanga atariUmugeni. Amen!

Ariko nimurabe ko izi ntumwa zibiri ari bo ba bavugishwa n'Imanababiri bo mu Vyahishuriwe Yohana 11, bazovuga Ubutumwa bavuga bati :«Ubwami buregereje » Ubwami bwo mw'Ijuru butegerezwa gushingwa. Icogihe ni igihe ca nyuma ca ya myaka itatu n'igice ya rya yinga rigira mirongoindwi rya Daniyeli ryasezeraniwe Abayuda ari bwo bwoko bwayo.

Kugira nemeze ivyo, nimwibuke rero ko iki ari igice ca nyuma ca ryayinga rigira mirongo irindwi rya Daniyeli. Hari ikibazo nabajijwe kuri ivyokizishurwa ejo. Amayinga mirongo indwi yari yarasezeranywe, ni yo yamyaka indwi. Kandi hagati na hagati muri iryo yinga rigira mirongo irindwi,Mesiya yategerezwa gukurwaho ngo atangweko ikimazi. Yategerezwakuvugishwa mu kiringo c'imyaka itatu n'igice mu nyuma agakurwaho ngoatangweko ikimazi c'abantu, kandi haracasigaye iyindi myaka itatu n'igiceyashiriweho Abisirayeli.

73 Igihe Mesiya yakurwaho Abayuda barahumishijwe kugira ngontibashobore kubona ko yari Mesiya. Maze hanyuma Mesiya amazegukurwaho, Ubutumwa bwiza n'igihe c'Ubuntu vyaciye bishika kubanyamahanga. Bibashitseko, Imana ica itora umwe ngaha, uwundi hariya,hanyuma igaca ibashira ku ruhande ikabazeza intumwa; umwe aha, uwundihariya, umwe aha, uwundi hariya hanyuma ikabazeza intumwa zayo.Yararungitse intumwa ya mbere; uyo na we yaravuze ubutumwa inzamba na yo iravuga (nk'uko tuzobibona mu nyuma); kandi inzamba isobanura kointambara itanguye.

Inzamba yama isobanura urugamba. Ni ko bigenda ku ntumwa ari wemumarayika aza kw'isi akaba intumwa y'igihe, nka Luther bo n'izindintumwa zose twavuze. None aca akora iki? We araza hanyuma kimwe mubimatanije ca Gitabo kigaca cugururwa, kigahishurwa. Inzamba iravugamaze intambara ikaba itanguye, hanyuma ya ntumwa igapfa. Aca adomakoikimenyetso abo bantu hanyuma agashira ku ruhande uwo mugwi w'abantuyinjije, hanyuma ivyago bigaca bigwa ku bantu babishibuye! Mu nyuma ivyobirabandanya, bakaja hamwe, bakagira irindi dini. Duhejeje kubibona.

74 Hanyuma bazanana ubundi bushobozi, ubundi bushobozi, ikindi gihec'ishengero bo n'irindi bango ry'ubukozi. Kandi muri ico gihe Imana izananairindi bango ry'ubukozi ryayo, mu gihe Antikristo na we azanana iryiwe.Murabona, anti risobanura ngo uwurwanya. Bagenda babangabanganywe.

Nagomba kubereka akantu kamwe. Abeli na Kayini baje kw'isi mugihe kimwe. Ngomba kubereka ko Yuda na Yesu baje kw'isi mu gihe kimwe.Yuda yaviriye kw'isi nko mu gihe kimwe na Kristo. Impwemu ya antikristoyaje mw'isi nko mu gihe kimwe na Mpwemu Yera, aho yamanuka. Kandimu gihe nyene Mpwemu Yera yihishura ngaha mu misi ya nyuma,Antikristo ariko arerekana ibara ryiwe, yigaragaza mu vya Politike nomuri ivyo bintu vyose. Kandi mu gihe antikristo atangura gukora nyagukora, Imana Yo nyene ubwayo ica yiyizira kugira ngo iducungure. Bompibazogendana kandi babangabanganywe.

Kayini na Abeli, igikona n'inuma muri bwa bwato, Yuda na Yesun'abandi.

75 Raba kandi Abanyamowabu n'Abisirayeli. Mowabu ntiryari ihangary'abantu badasenga haba na mba!

Batanga ibimazi nk'ivy'Abisirayeli.Basenga Imana imwe. Koko! Abanyamowabu bakomoka kuri umwe mubakobwa ba Loti yamenyanye na se maze amuvyarira umwana w'umuhunguyiswe Mowabu. Aho ni ho hakomotse ubwoko bw'abamowabu baba mugihugu c'i Mowabu. Maze igihe babona Abisirayeli, baje ari bo bene sebacunguwe...

Bari abanyamategeko. Bari idini rihambaye. Ariko Abisirayeli ntadini bari barubatse; bibera gusa mu mahema maze bakaja aho ari hohose. Ariko Abanyamowabu bari bafise abanyacubahiro, abami, n'abandi.Iyo baba bari bafise na Balamu , umuvugishwa w'ikinyoma. Bari bafise ivyo vyose, ariko n'aho biri uko baramanutse kugira ngo bavume murumuna waboyari mu rugendo aja mu Gihugu c'Isezerano, yerekeza mw'isezerano ryiwe.

Abisirayeli bari babasavye bati : « Mbega tworengana duciye mugihugu cawe? Inka zacu nizanywa amazi, tuzoyariha. Nizarisha ubwatsi,tuzoburiha.»

Barishura bati : « Ibikorane vy'amakanguro nk'ivyo ntimuzobikorere ngaha!»« Ibintu nk'ivyo ntimuzobikorere ngaha.»

76 Hanyuma mwitegereze ivyo bakoze. Yagarutse ari mu mero yaYezebeli, yamanutse mu buryo bw'uwo muvugishwa w'ibinyoma mazeazimiza abana b'Imana, yinjiza ivy'ukwabira abagore b'abanyamowabukazimuri Isirayeli maze atuma haba ubusambanyi. Kandi yakoze nk'uko nyenemuri iki gihe, muri uru rugendo turimwo tugana ca Gihugu c'Isezerano.

None yakoze iki? Neza na neza nk'ivyo yakoze muri kirya gihe.Umuvugishwa w'ikinyoma yaraje maze ahamagarira ishengero ry'abaporotikwabirana na bo, atuma haba amadini. Ariko n'aho vyagenze uko wa mugwimuto w'Abisirayeli warabandanije kugenda. Bagenze igihe kirekire mubugaragwa uko vyari bikwiye ko abarwanye kuva ku ntango bapfirayo, munyuma baca binjira batumbereye ca Gihugu c'Isezerano. Ego. Mubitegerezeigihe bose bari bambaye ibirwanishwa, biteguye kujabuka Yorodani. Ivyondabikunda. Kandi ubu tugiye kwinjira vuba muri ico gihe.

77 Twabonye ko ico gihe camaze imyaka itatu n'igice ya rya yinga rigirairya mirongo irindwi rya Daniyeli. Mureke ndabasigurire ivyo bintu muburyo buramvuye ubu noneho, ndabona rero hano umuntu yamye yiga ivyobintu kandi nashaka gutomora neza ibintu kuko ndi umwigisha. IgiheDaniyeli yerekwa ivy'ibihe bizoza n'iherezo ry'igihe c'Abayuda, aravuga koamayinga mirongo indwi yashinzwe (ni ukuvuga imyaka indwi), kandi kohagati na hagati muri ico gihe, Mesiya azoba ari aho kandi ko azokurwahongo abe ikimazi.173. Uko nyene ni ko vyagenze. Kuva ico gihe Imana ikoranan'abanyamahanga gushika ibakuyemwo abantu bitirirwa Izina ryayo. Kandiubwo nyene Ishengero ryo mu banyamahanga rimaze gusohoka, acaarizamura. Kandi igihe akoze ivyo ya nkumi y'ikijuju ari ryo shengeronyene (Umugeni aba yazamuwe) rica ritererwa mu mwiza w'umuzitanyahanze ahari amarira no kuryanya insya z'amenyo. Muri ico gihe ni hovya vyago bihambaye bigwa kuri abo bantu.

78 Kandi mu gihe ivyo vyago bikomeye biba biriko birashika, ababavugishwa n'Imana babiri bo mu Vyahishuriwe Yohana 11 baca baserukahanyuma bakababwira Ubutumwa bwiza. Kandi bigisha mu kiringo c'imisiigihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu. Murabibona? Nimwaharuramukoresheje ikirangamisi c'ukuri, ico amezi yose agizwe n'imisi mirongoitatu, muzobona ko iyo misi yose ingana neza na neza n'imyaka itatu n'igice.Ni igice ca nyuma ca rya yinga rigira mirongo indwi rya Daniyeli.

Murabona ubu ko Imana itariko irakorana n'Abisirayeli. Haba na mba!Nta gihe kinini kihaciye, mwene Data mukundwa umwe wo muri iri koraniroyarambajije ati : «Nagomba kuja muri Isirayeli. Nibaza ko hariya hariyoikanguro.»

Umuntu umwe yarambariye ati : « Mwene Data Branham,mwategerezwa kuja muri Isirayeli muri iki gihe nyene. Ivyo bobibona ».Murabona, ivyo ntimushobora kubikora. Nari hariya, maze ndiyumvira...Abo Bayuda baravuga bati : «Uwo Yesu ni yaba ari We Mesiya, ni atwerekeikimenyetso c'uwuvugishwa n'Imana. Tuzoca twizera uwuvugishwa n'Imanawacu.» Mu bisanzwe ni uko bategerezwa gukora.

Nariyumviriye nti : « Mbega ahantu heza ho gukorera. » Igihe nari iKAYIRO (Ni hafi cane yo muri Isirayeli) nari maze kuronka itike yo kujamuri Isirayeli. Ni ho navuga nti : «Nzogenda nibabinsaba, nibashoborakubona ikimenyetso c'uwuvugishwa n'Imana, tuzoraba ko bizera Kristo.»

79 Lewi Pethrus, wo mw'ishengero rya Stockholm, yarabarungikiyeumumiliyoni w'amabibiliya, kandi abo Bayuda bariko barataha mu Gihugu...mwarabonye amasanamu yabo, ndayafise mw'ifilime yitwa ngo : Isahazitandatu z'ijoro zibura iminota itatu. Kandi abo Bayuda baza bava mw'isiyose none batanguye kwegeranira hariya.

Mu gihe ca wa mugabisha Allenby, inyuma y'aho Ubwongerezabugiriye muri Isirayeli (nibaza ko ivyo biri mu gitabo kigira kabiri citwa «Ingene intambara ya mbere y'isi yose yarangiye » (nibaza ko ivyo biri murica gitabo kigira kabiri), abanye-turukiya baciye bishikana. Baciye basubizaAbisirayeli igihugu cabo, gica kiratera imbere gicika ihanga. Ubu ni ihangarikwiye rifise ifaranga rikoresha, ibendera ryaryo, ingabo zaryo n'ibindi vyose.

80 Hanyuma abo Bayuda baca baratahuka mu gihugu cabo. Ikintu cambere igihe baja muri Irani n'ahandi babarondera, bavuga ko bagombakubasubiza muri Isirayeli, mu gihugu cabo ari co Palestina, aho bategerezwakuba bari. Kandi mwibuke ko igihe cose Abisirayeli batari muri ico gihugu, baba bari hanze y'ukugomba kw'Imana, nka kumwe kwa Aburahamu, uwariyaragihawe. Ntibagomba kwurira mu ndege, kuko batari bwigere babonaikintu nk'ico. Ariko umutama umwe wo mw'idini ryabo arabavamwo mazearababwira ati : «Uwuvugishwa n'Imana wacu yaratubariye ko igiheAbisirayeli bazotahukira mu gihugu, bazogenda ku mababa y'inkukuma.»Bose baca burira mu ndege maze baca berekeza mu gihugu cabo.

Ubu ni yo bari, bakora ngo basubize wa Musukoni uko wahoze. Amen!Ya nyenyeri ya kera ya Dawidi y'amasonga atandatu yarasubiyeguhungabana kandi! Imisi y'abanyamahanga iraharuye; Iyo misi yuzuye ibiteye ubwoba...

81 Igihe ca vya vyago bihambaye kiregereje, kiri ku rugi, kiri ngahanyene. Bimwe bimatanije ca Gitabo biruguruwe, Ishengero ryiteguriyekwigurukira mu kirere maze vya vyago bihambaye bice bishika. Ico giheImana ica yururuka maze igakurayo bamwe 144.000.Amen!183. Oh, biratunganye! Murabona ingene bimwe bimatanije ca Gitabobigaragaza ivyo bintu ingene bishirwa ahagaragara. Itegereze ca gihe canyuma c'imyaka itatu n'igice kuri bwa bwoko. Kandi muzobona ko arimuri ico gihe Imana izohamagarira ba Bayuda 144.000, muri iyo myakaitatu n'igice ya nyuma.184. Muratahura ko itaratangura gukorana na bo na mba. Ntibararonkauwuvugishwa n'Imana. Nta kindi bazokwizera atari uwuvugishwa n'Imana.Ntimushobora kubahenda. Gurtyo rero bazokwumvira uwuvugishwa n'Imanagusa. Ni ko biri. Imana yari yabibabwiye uhereye mbere kandi bavyumiyeko.

82 Yavuze ati : « Umwami Imana yanyu azohagurutsa uwuvugishwan'Imana nkanje hagati yanyu.» Mose ni ko yabivuze. Aravuga ati : «Muzemumwumvire. Kandi uwutazokwumvira uwo muvugishwa n'Imanaazokurwa mu bantu.» Ni ivy'ukuri. Ariko murabona, amaso yabo vyabayengombwa ko ahumishwa, atari uko bari kumumenya. Ariko bamazeguhumishwa, Satani yarashoboye kubafata maze baravuga bati : « Niumupfumu, Beyezebuli. Ngo amaraso yiwe araduharurwako; turazi ko atakiri muri we. » Murabibona? Maze ubwo bwoko bahumishwa amaso.

Ni co gituma habaye ubwo bwicanyi bwose bwagizwe na Eichmannn'abo bari kumwe. Bari bafise uburenganzira bwo kwinjira ariko Se wabobwite abahumisha kugira ngo ashobore kutwitorera. Ni ikintu kimwe mu bintu biteye umubabaro mu Vyanditswe. Mwiyumvire kuri iki kintu : Abayuda basaba amaraso ya se wabo bwite! Imana yabo bwite imanitswe hariya, ivirirana amaraso!

83 Bibiliya iravuga iti : « Bamubambaho » Ayo majambo ane ari mumajambo meza cane. Raba : Ba ubwoko burusha kwera ubundi bwose bwokw'isi. Mu-umuntu ahambaye kurusha abandi bo kw'isi. Bamba- urupfu rubikurusha izindi zibaho. Ho- i Yerusalemu, igisagara kirusha ibindi vyose vyokw'isi kuba ceranda.188. Kubera iki? Idini rihambaye cane kurusha ayandi yose yo kw'isi, idiniry'ukuri ryonyene kw'isi ryari hariya, rihambaye ya Mana nyene Bibiliyayabo yavuga ko izoza. Kubera iki ivyo batabibonye? Bibiliya itubwira koImana yabahumishije kugira ngo ntibababibone.189. Yaravuze ati : «Ni nde muri mwebwe yonyagiriza icaha?» Mu yandimajambo ati : «Ni naba ntakoze neza na neza ivyari vyarabuwe ko nzokora,mubimbarire! Icaha ni ukutizera. Yakoze neza na neza ivyo Imana yariyaramushinze, ariko ivyo ntibashoboye kubibona.

84 Iyo muriko murabwira abantu, ni nk'aho mwosuka amazi ku moyay'imbata. Murabona ico ngomba kuvuga? Birateye akagongwe! Iyo murabairi hanga n'ivyo abantu bakora, abantu b'abasenzi bishushanya. ArikoMpwemu Yera mbega ntatubwira ko abantu bazoba bagarariza birarira,bakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana, abaguranyi, barementanya,batihangana, bakengera abakora ivyiza? Bafise ishusho y'ukwubaha Imanaariko bagahakana ubushobozi bw'Ubutumwa bwiza. Yavuze ati : « Abamezebartyo mubatere umugongo. »

85 Hano hariho amadini agoreka ibintu. Bakuraho ivy'ubwiza vyosen'ivy'ubushobozi, bakavyitirira gusa igihe c'intumwa ibisigaye bakabishiramuri ca gihe c'ukuganza mu kiringo c'imyaka igihumbi.

Ni nka ba bantu maze kuvuga bama bashimagiza Imana ku vyoyakoze, bakanezerererwa ivyo izokora, ariko ntibamenye ivyo irikoirakora muri iki gihe nyene. Ni ivyo nyene. Umuntu yama ari wa wundi.

Aho hari ba Bayuda basemerera bati : « Icubahiro kibe ic'Imana! »Yohana mu gice ca 6, avuga ati : « Ba Sogokurua bacu barira Manu mubugaragwa!... » Yesu arabishura ati :« Ariko barapfuye. »

86 Mu bugaragwa banyoye amazi ya ca Gitandara, ariko hanyuma aravugaati : « Ni Jewe ca Gitandara.» Arongera aravuga ati : « Ni jewe Mutsimaw'Ubugingo uva ku Mana wamanutse uva mw'Ijuru, ca Giti c'Ubugingo batariyeko hariya. Umuntu niyarya kuri uwo mutsima, ntazokwigera apfa.Nzomuzura ku musi wa nyuma. » Ni ivy'ukuri! Yari Mesiya ubwiwe yari ahagazeho, aserura n'amajambo ari mumitima yabo n'ibindi bintu vyose, yerekana ko yari Mesiya, yerekana n'ivyoMesiya yategerezwa kurangura. Ariko bo bagumye bahetse amaboko bavugabati : «Eka, ntibishoboka. Oya, oya! Ntiyaje nk'uko twabibwiwe. Murabonako aturuka i Beterehemu, ariko we ni umwana w'ikivyarwa; umurwanizi niwe akorera muri we.

Turazi ko ari umusazi. Ntakomeye neza, arimwoidayimoni!»

Murabona, amaso yabo mu vy'ukuri yari yahumishijwe ngo ntaboneivyo bintu. Ariko naho biri uko bararindiriye uwuvugishwa n'Imana; kandibazomuhabwa, mbere bazohabwa babiri. Ni ivy'ukuri.

87 Mwitegereze kandi iki kintu. Igihe aba Bayuda... ngira ndabahe ikindikigereranyo gitoya kugira ngo mubone neza ko ari ivyerekeye Abayuda, ubumu gihe turi mu bizoba inyuma y'izamurwa. Murabe ibizoba. Kandibigaragarira mu bigereranyo. Ntituja kubirandirako kuko vyoca bidukuramuri iki cigwa. Vyagereranijwe n'ivyiswe amarushwa ya Yakobo.

Kandi abo Bayuda bari bafise... Menya neza ibi! Uko biri kwose ndajakubicako akanya gato. Ivyo birampagarika amaraso iyo ntanguye kuva muribimwe nja mu bindi nk'uko.

Nagomba ko mubona iki kintu. Imana irabibereka nta nkeka, ndabizineza. Murabona ko Yakobo yari afise ukuba Samuragwa, si ko? Ariko ntankeka ko hamwe n'ivyo yari umuntu w'ingunge! Murabibona? Yahenze se,yahenze mwene se, ivyo vyose yarabikoze. Ariko yari nyenewo w'ukurikuko Esawu yari yarawumugurishijeko.200. Hanyuma aca aja gukora kwa sebukwe ashira mu mazi inkoniz'imirebeni kugira ngo intama zivyare izifise ibibara. Yakoze n'ibindink'ivyo kugira ngo yironkere amahera.

88 Ubu rero mwitegereze neza ibi bintu : yarashibuwe n'abiwe. Niikigereranyo c'Umuyuda w'iki gihe. Ni umuntu yironderera amahera. Ukoayarondera kwose nta co bimutwaye, ica ngombwa kuri we n'ukuyaronkagusa. Yonabakuyeko urushato mukanura kugira ngo yironkere amahera. Ivyomurabizi. Ni ingunge gusa, nta bindi. Ntihagire ico ukorana na we. Wobaufashwe. Nta nkeka. Kubera iki? Birakwiye ko aba nk'uko. Ni yo mpwemuimuganza. Ivyo bisa nk'ivya bamwe baringaniza ukundi gusha ivyo gusengabatashobora gutahura iri Jambo kuko bari bahawe impwemu y'umuntu.Igihe c'Inkukuma ni co kironka Ijambo rihishuye. Abatahura ivyo bintubose, mutarike ibiganza kugira ngo... Ni uko! Neza cane!

89 Iyo muba mushobora kugaruka ngaha ibi bimatanije ca Gitabo bimazekwugururwa, murashobora kubona neza ivyo Imana iriko irakora, ivyoyakoze n'ivyo igiye gukora. Ni ivyo nyene. Kandi ni co gituma umuntu akoramuri ubwo buryo, ni ku bwo impwemu yari yarabuwe ko izoba iri kuri bomuri ico gihe. Nta bindi bari gushobora gukora. Haba na mba.

Yohana, Paulo n'abandi babayeho muri ca gihe c'Intambwe. Hariho iyompwemu y'Intambwe, I-N-T-A-M-B-W-E ari ryo Jambo ubwaryo. Pauloyahagarara neza kuri iri Jambo maze akavuga ati : « Ndazi ko muri mwebwehazokwaduka bene Data b'ibinyoma. Bazokwivuga nk'intambwe kandibakore amadini n'ibindi vyose hagati yanyu. Kandi bazobandanya gukoraivyo gushika mu misi ya nyuma no muri ivyo bihe biteye ubwoba. » Kuberaiki? Yari uwuvugishwa n'Imana. Iri jambo ryari rishimangiye muri we mazerikamwereka ingene ibintu bizoshika kw'iherahezwa ryavyo mu bihe bizoza.

Ni nk'abo bantu babi bazokwaduka hagati yanyu maze bazimize beneData bari basanzwe ari abigishwa. Neza na neza ni co yakoze.

90 Mwihweze iki kintu : Mbega haca hashika iki bamaze kwinjira muri cagihe ca wa mwiza w'umuzitanya n'amarushwa? Nta na kimwe barigushobora gukora. Uburoma bwari bufise ububasha mu vyo gusengan'ububasha mu vya politique. Nta kintu kindi rero bari gushobora gukoraatari ugutama kugira babe barabayeho no kwitanga kugira ngo babicenk'ibimazi, cari ikimasa. Ni vyo vyonyene bari bashoboye gukora. Ni yompwemu bari bafise. Mpwemu w'Imana, Ikimasa.

Mu nyuma haciye haza bamwe baringaniza ukundi gusha ivy'ugusenga,ukwiyumvira kw'umuntu, ubwenge, ubukerebutsi : Martin Luther, JohnWsley, Calvin, Finney, Knox n'abandi bose. Baje gushitsa igikorwa caboc'uguhindura ukundi gusha ivy'ugusenga. Baje gusohora abantu. Arikobaciye bisubirira inyuma neza nk'uko n'abo hambere babikoze baca basubirainyuma berekeza mu madini babirana na yo. Ni uko biri. Bibiliya ni Yoibivuga. We ni malaya kandi afise abakobwa b'abamaraya. Ni ko biri.

91 Kandi Imana iravuga iti : « Namuhaye uburyo bwo kwihana arikontiyihana; n'uko rero nzomufata, we n'uruvyaro rwiwe, maze ndabaterere mukibanza bakwiranye.» Ni uko! Kandi Imana ivyo yabivugiye mu kimatanijeca Gitabo. None rero aho ni ho ari. Turabona ko ivyo ibikora kandi ko izobikora. Kandi umwe wese muri bo ajana iyo nzira nyene. Ariko abo boseamazina yabo yanditse mu Gitabo c'Ubugingo, Imana izobahamagara kandibazoyumva. « Intama zanje zumva ijwi ryanje », ni ko Yesu yavuze. Ikintuconyene twokora ni ugutera akamo intama : impene ntizizokumva! Arikomurabona, ni umuhamagaro w'intama.

92 Ni murabe neza. « Intama zanje zumva ijwi ryanje.» Kubera iki? Mbegaijwi ni iki? Ngira ndababwire ijwi ico ari co : ijwi ni ikimenyetso co muburyo bw'impwemu.

Yabwiye Mose iti : « Ni batagomba kwuma ijwi ry'ikimenyetso cambere, bazokwumva ijwi ry'ikimenyetso ca kabiri. Intama zanje zumva ijwiryanje. »

Ibi bintu bitegerezwa gushika mu misi ya nyuma ni vyamara gushika,intama z'Imana zizobimenya. Zizobimenya! « Intama zanje ziranzi(murabibona) kandi ntizizokurikira abo zitazi. Ntizizokurikira

uwozitazi.Bikwiye ko kiba ikimenyetso cemejwe kuri uwo musi, gurtyo rerozizoca zikibona.

93 Ubu rero mwihweze iki kintu Yakobo vyamugendeye gute? Yagombagusubira he? Mu gihugu ciwe! Oh! Neza na neza ivyo ni vyo Isirayeliyakoze. Ni Isirayeli. Yakobo ni we Isirayeli. Izina ryiwe gusa ni roryahindutse, murabizi. Murabibona? Yagiye hariya afata amahera yose yariafise, n'ayo yashoboye kuronka yose, biciye mu nzira zose zishoboka,ayakuye mu muryango wiwe canke w'uwundi uwo ari we wese. Gurtyo rero,n'aho yayaronse biciye mu bubeshi, mu busuma canke ikinyoma canke ubudiburyo bwose, yarayaronse, murabibona? Uko ni ko yakoze.

Rero igihe yafata akayira ataha i we, mu mutima wiwe yari afitiyeinkumbu ico gihugu. Ariko ari mu nzira ataha, yahuye n'Imana. Gurtyo reroizina ryiwe rica rirahinduka. Ariko muri ico gihe yari yihebuye cane kukoyaratinya ko Esawu amukurikirana. Murabe ibi bintu vyerekeye amahera,ivyo yakoze kugira aronke amahera. Ni nk'Abayuda bagerageza kugira ayamasezerano n'Uburoma bakabifata nk'urudandazwa.

94 Mwitegereze neza iki kintu. Esawu ico gihe ntiyari akeneye amaherayiwe. Mu Buroma n'uko nyene. Uburoma bufise ubutunzi bwose bw'isi mubiganza. Murabibona? Ariko ivyo nta co vyamaze. Kandi ubu turabona koIsirayeli muri ivyo bihe vy'ukubura amahoro, igihe yari akiri Yakobo,yaraniganye maze aracakira ikintu c'ukuri. Hari umugabo yari yururutse. Yakobo amugumya mu maboko yiwemaze aguma ngaho. Uyo mugabo aravuga ati : «Ubu ntegerezwa kugendakuko bugiye guca.» Oh, uwo mutwenzi ubandutse! « Vuba bugiye guca. »

Ariko Yakobo aravuga ati : « Ntituvana. Ntushobora kugenda uko.Ngira ngumane nawe. Nagomba ko hagira ibintu bihinduka ngaha. » Nibamwe 144.000, uwo mugwi w'abantu bafise amayeri yose kugira ngobaronke amahera n'ibindi bintu bisa n'ivyo. Nibabona ikintu c'ukuric'ugufata maze Mose na Eliya bagahagarara harya... Amen! Bazoniganan'Imana gushika aho bamwe 144.000 bo mu miryango ya Isirayelibahamagarwa hariya.2

Ivyo bishika imbere gato y'igihe ca vya vyago bihambaye. Oh, eseukuntu ari vyiza! Ni co kimwe n'ingorane Yakobo yaciyemwo. Aho ni horero bamwe 144.000 baca bahamagarwa. Ba bavugabutumwa babiri, babavugishwa n'Imana babiri bavuga Ijambo ry'Imana nka Yohana Umubatizibati : « Ubwami bw'Imana buregereje. Ewe Isirayeli niwihane!» Kwihanaiki? « Niwihane ivyaha vyawe n'ukutizera kwawe maze ugaruke ku Mana! »

95 Ubu rero twibuke ikintu kimwe ngaha. Ibi bintu bihambaye vyashitseimbere, ku murongo wa 12 w'ikigabane ca 6, murabibona. Izuba ryarirabuyenk'igunira ry'ubwoya. Mwibuke ko ibi bidashika mu gihe c'abanyamahanga.Ni mu gihe c'Abisirayeli.

Mureke ndabibereke. Muribuka ko navuze ko ari umuhamagaro wabamwe 144.000, murabibona? Ubu rero iki gihe, ni igihe... Ni amarushwaategerezwa gukora ivyo. Kandi uyu murongo uravuga ingene bigenda muriayo marushwa.

96 Dusome mu Kuvayo 10 : 21 -23 maze twitegereze ivyo bintu. Bisanzwebizwi ko mu Kuvayo havugwa ugusohoka kw'Abisirayeli, ingene bakuwemuri Egiputa.kuvayo 10 : 21 - 23. Iyo ndiko ndimura iyi mirongo ndanezerwa cane kandinkavuza akamo, kandi biranshikira rimwe na rimwe nkayivanga. Ni uko.Kuvayo 10 : 21-23.

«Uhoraho abarira Mose, ati Tunga ukuboko kwawe mw'ijuru, umwiza ucuremu gihugu ca Egiputa, umwiza umeze nk'ikintu cokabakabga.

Mose atungaukuboko mw'ijuru umwiza w'umuzitanya ucura mu gihugu cose ca Egiputa,umara gatatu. Ntihagira ubona uwundi, canke ngo hagire uwuhagurukangw'ave ah'ari, bimara gatatu : ariko mu mazu y'Abisirayeli bose hoharabona.»

97 Nimubone ko bihuje neza na neza na ya mirongo yindi. « ...Kandi izubaririrabura nk'igunira ry'ubgoya... » Murabibona? Ni bimwe bisanzwebishika mw'isi. Ivyo bisigura iki? Igihe ibintu nk'ivyo bigaragaye kw'isi,ivyo bisigura ko Imana iriko ihamagara Abisirayeli. Yari igeze aho ibohoraAbisirayeli hariya, hanyuma ngo ibakure mu maboko y'umwansi wabo, yariEgiputa muri ico gihe. Ubu rero murabe ingene ibakura mu kubokokw'Uburoma, ubwo bazoba bagiriraniye isezerano.

Ni co nyene gishika. Ni vya vyago. Igihe kiraje aho ibi vyagobizokoroka maze bibuze amahoro uwo mugwi wo mu banyamahanga. Iyotuba tubifitiye akanya nari gushobora kwerekana ibigiye gushikira iryoshengero ry'abanyamahanga. Bibiliya ivuga ko ca gisato ari co Satani, yariyashavuriye wa mugore (Abayuda ari bo Bisirayeli) maze usendanisha amaziavuye mu kanwa kiwe (amahanga menshi) ni yo yagiye kugwanyaamasigarira ya rwa ruvyaro rw'umugore (Ivyahishuriwe Yohana 13). Ivyomurabibona ? Turabifise. Kandi ni co gihe Uburoma burungika ingabozabwo inyuma ya ya masigarira y'uruvyaro rw'umugore.

98 Ubu rero mwitegereze ibi bintu. Ubwa mbere igihe yabakiza ibakuyemu maboko y'umwansi wabo izuba

ryaciye ryirabura nk'igunira ry'ubwoya.Ubu rero ni ubwa kabiri, ku mpera y'igihe ca vya vyago bihambaye.

Iyo tuba dufise akanya twari gushobora gusoma muri Daniyeli 12. Muriico gice, Daniyeli avuga ati : «Ariko ico gihe umuntu wese azoboneka koyanditswe mu gitabo azorokoka.»

Mwibuke ko ubu rero Daniyeli avuga ivyerekeye ico gihe aho ivyobintu bitegerezwa gushika, aho Abisirayeli bategerezwa gukizwa kw'iherezory'iyinga rigira mirongo irindwi. Ni ico gihe rero bategerezwa gukizwa.Ariko dusome Daniyeli 12, akanya gato gusa. « Maze ico gihe Mikayeliazohaguruka, ni we mugabisha ahagarikiye ubgoko bganyu; (itegereze, niAbayuda); kandi hazoba igihe c'umubabaro utigeze kubaho, uhereye igiheamahanga yabereyeho, ukageza ico gihe (Muhuze ivyo bintu neza na nezan'ivyo Yesu avuga muri Matayo 24. Hazobaho igihe c'umubabaro kitigezekubaho uhereye igihe amahanga yabereyeho. Mwihweze ica gatandatukimatanije ca Gitabo. Murabibona ? Ni co kimwe, igihe c'umubabaro.Muvyitegereze neza).« Arikw'ico gihe umuntu wese wo mu bgoko bganyu (mu gice ca nyuma carya yinga rigira irya mirongo irindwi ry'imyaka) azoboneka ko yanditswe mugitabo azorokoka (bamwe batoranijwe, murabona, banditswe mu Gitaboc'Ubugingo ca wa Mwagazi w'intama, bazokizwa muri ico gihe). Kandibenshi bo mu bazoba basinziriye mw'ivu hasi bazokwikangura, bamwebikangurire ubugingo budashira, abandi bikangurire ubumaramare n'ibiteterwa bitazoshira. Kand'abagize ubgenge bazokayanganank'ugukayangana kwo mw'itazanure ry'ijuru, n'abashikanye benshi kukugororoka bazokwaka nk'inyenyeri ibihe bitazoshira.»

99 Hanyuma ica ibwira Daniyeli ngo ico Gitabo akimatanishe ishasharaidomweko ikimenyetso, kuko azoruhukira mu mugabane wiwe gushika icogihe. Gutryo rero murabona ko ivyo ataho bitandukaniye. Mwaba murihocanke mwarapfuye : uko biri kwose muzozuka. Murabibona ? Gupfa nta cobivuze ku mukristo. Mbere we ntapfa, murabona.

Kandi Daniyeli 12 havuga ko abazoboneka bose banditswe mu Gitaboc'Ubugingo bazokizwa. Ngaha Imana iba igira irokore umwana wayow'umuhungu agira kabiri, ari bo Bisirayeli, inyuma ya vya vyago bihambaye.Murabona, Isirayeli ni umwana wayo w'umuhungu, murabizi. Isirayeli niumwana w'Imana. Ni co gituma aha izomurokora mu gihe ca vya vyagobihambaye, neza na neza nk'uko yabikoze hariya muri Egiputa.

100 Ubu rero reka twongere duhagarare ngaha kugira turabe ikindi kintukitwereka ko ica ibatahana i Muhira. Twihweze ngaha aba bavugishwa na Yobabiri. Nimurabe rero ivyo bagiye gukora. Bazokora neza na neza nk'ivyoMose n'abandi bakoreye hariya. Dusome umurongo ugira gatatu w'igice ca11 c'Ivyahishuriwe Yohana. « Kand'abanshingira intahe babirinzobavugisha, bazovugishwa imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongoitandatu bambaye amagunira. Abo ni bo biti vy'imyelayo bibiri (MwibukeZerubabeli bo n'abagomba gusanura rwa rusengero) n'ibiterekwakw'amatarabibiri bihagaze imbere ya Nyen'isi. Kandi iy'umuntu agomvye kubagiriranabi, umuriro ubava mu kanwa (muribuka ko inkota isohoka iva mu kanwaka Kristo ari Ijambo) ugaturira abansi babo : kandi umuntu ni yagombakubagirira nabi uko ni ko akwiye kwicwa.»

101 Turazi mu gice ca 19 umuriro w'Ukuza kwa Kristo aho inkota ari ryoJambo ryiwe iva mu kanwa kiwe. Mbega ni vyo ? Ni Ijambo. Oh, iyo abaubu mwashobora kwakira iki kintu ca nkenerwa ku bwo ikimatanije caGitabo kizovugwa ejo ku mugoroba ! Ijambo ni ryo Imana ikoresha mukurandura umwansi wayo.

Ubu rero mwongere murabe iki kintu. Igihe aba bavugishwa n'Imanabazoba bariko baravugishwa, ni hagira uwubafata nabi canke akabagiriranabi, umuriro uzoca uva mu kanwa kabo, umuriro wa Mpwemu Yera ari ryoJambo. Ijambo ni ryo Mana. Ijambo ni umuriro. Ijambo ni Mpwemu. « Rivamu kanwa kabo... »

102 Ni murabe Mose. Turabe ibiva mu kanwa kiwe. Nimurabe ukuntuAbisirayeli bari bamerewe muri Egiputa. Abanyegiputa bacura bufuni nabuhoro Abayuda, ntibagomba kubarekura ngo bagende; Farawontiyabigomba. Imana yaciye ishira Ijambo mu kanwa ka Mose. Vyariivyiyumviro vy'Imana vyagiye mu mutima wa Mose : we yagiye hariya ngoabiserure, maze bica bicika Ijambo. Aramvura ukuboko maze aravuga ati : «Ni habeho ibibugu ! », maze habaho ibibugu. Murabibona? «... iyo umuntuagomvye kubagirira nabi, umuriro ubava mu kanwa, ugaturira abansibabo... » Ni ivyo! Bashobora kuvuga ivyo bashaka, maze ivyo bigashika.Amen! Kandi umuntu niyagomba kubagirira nabi uko ni ko akwiye kwicwa.232. Oh, bene Data! Aha Imana ica itangura gukora. Bafise ububasha bwokwugara ijuru kugira ngo imvura ntigwe mu misi y'ukuvugishwa kwabo.Eliya azoshobora gukora ivyo bintu kuko yari yaramaze kubikora. Amen!Mose azoshobora gukora ivyo bintu kuko yari yaramaze kubikora! Ni icokintu nyene catumye bashirwa ahantu hanaka. Amen!

103 Nari gushobora kuvuga ikintu ciza cane rwose ngaha, ariko nibaza kovyoba vyiza ndabibikiye umusi w'ejo ku mugoroba. Murabibona? Neza cane.Kandi bafise ububasha ku mazi ngo bayahindure amaraso no guteza isiivyago igihe cose babigombeye. Ivyo ni iki? Ni igiki gishobora kuzana ivyobintu, kiretse Ijambo ryonyene? Bazoshobora gukorera ivyaremwe icobashaka cose.

Ng'iki. Ni bo bazana iki ca gatandatu kimatanije ca Gitabo. Baragishiraahabona maze bakacugurura. Ubushobozi bw'Imana ni bwo buhagarika ukoibintu bisanzwe bitunganije mu vyaremwe. Murabona, ica

gatandatukimatanije ca Gitabo uko kingana ni ihagarikwa ry'ukuntu ivyaremwevyari bisanzwe bitunganije.

Ubu rero muratahura ivyo bintu? Ng'ico ica gatandatu kimatanije caGitabo. Ni nde akora ivyo bintu ? Ni ba bavugishwa n'Imana bazaizamurwa ryamaze kuba. Bafashijwe n'Ubushobozi bw'Imana. Ijambory'Imana, bazocirako iteka ivyaremwe. Barashobora gutuma habahougutigita kw'isi, guhindura ukwezi kugasa n'amaraso, kumanura izuba cankeikindi kintu babitegetse. Amen !

104 Turabishitseko, turabishitseko ! Murabibona ? Murabona ingeneibimatanije vyuguruwe muri vya bihe vy'Ishengero ? Ingene vyerekanyeabishwe bahorwa Ijambo ry'Imana ? Ubu rero raba ba bavugishwan'Imana babiri bahagaze hariya bafise Ijambo ry'Imana ngo bakorereivyaremwe ico bagomba cose. Banyiganyiza isi. Ivyo biratwereka nezauwukora ivyo bintu. Ni Mose na Eliya, kuko ibango ry'ubukozi bwabo risubiye gukorera muri bompi. Oh ! bene Data, ubu ho rero murabona ivyobintu ? Murabona ica gatandatu kimatanije ca Gitabo ico ari co ? Ni abobavugishwa n'Imana.

Ubu rero nimwihweze iki kintu. Ivyo ntibibatere ubwoba, arikomwitegereze abuguruye ico kimatanije : abo bavugishwa n'Imana. Amen!Turabishitseko! Oh, ubu turi mu gihe c'Inkukuma! Kandi ubu kiri muritwebwe! Baruguruye ico ca gatandatu kimatanije ca Gitabo. Bari bafiseububasha bwo kubikora! Amen! Ng'ico ica gatandatu kimatanije ca Gitaboingene cuguruye! Murabibona?

105 Ubu rero dusubire inyuma, aho Yesu yavuze ko ivyo bizoshika. Ivyoturongera tukabisanga inyuma rwose mw'Isezerano rya kera, muri EzekiyeliAbavugishwa n'Imana bo mu bihe vya kera bavuze ko ivyo bizoshika. Kandihano ica gatandatu kimatanije ca Gitabo kiruguruye, maze bakavuga bati : «Erega, ni ikintu kinyegejwe. Ni nde yakoze ivyo bintu ? Ng'iri ibangary'ivyo bintu : Ni ba bavugishwa n'Imana, kuko Bibiliya irabivuga ngaha.Barashobora gukorera ivyaremwe ico bagomvye cose. Bakora bimwe nyenebamaze gukora, kuko bazi ingene bikorwa. Amen! Imana ihabwe icubahiro!

Igihe nabona ivyo bintu, naciye mpaguruka mva ku ntebe, ntangurakugendagenda hirya no hino. Ni ho nibaza nti : «Mwami! Mbega ukuntundagushima, ga Data wo mw'ijuru!» Ng'ico. Ni ivyo. Baruguruye icagatandatu kimatanije ca Gitabo. Amen!240. Mubitegereze. Iyo umuntu agomvye kubagirira nabi, umuriro ubava mukanwa. Ni Ijambo. Mpwemu Yera yaraje ku ntumwa, murabibona. Umurirowavuye mu kanwa kabo.

106 Ubu rero raba neza ko mu Vyahishuriwe Yohana 19 tubona ibisa navyo. Inkota ndende ari ryo Jambo isohoka mu kanwa kiwe. Murabona ivyobintu? Kristo araza maze akageseza abansi biwe ari Ryo akoresheje. Mbegasi ivy'ukuri? Ubu rero ari mu nzira aza. Ubu rero nimumwitegereze. Nezacane.

Abo bavugishwa n'Imana babiri bafise ububasha bwo gukinga ijurukugira ngo imvura ntikoroke mu misi y'ukuvugishwa kwabo. Ni uko, uko niuguhagarara kw'uko ivyaremwe bisanzwe bitunganije! None uwo mugaboEliya yakinze ijuru mu kiringo kingana iki? [ikoraniro ryishuye riti : «Imyaka itatu n'igice » -U]. Turabishitseko! Ni ivyo nyene! None igice canyuma ca rya yinga rigira mirongo irindwi rya Daniyeli kimara igihe kinganagute? [ikoraniro ryishuye riti : « Imyaka itatu n'igice-U]» Turabishitseko! Neza na neza!

107 Mose yokoze iki? Yahinduye amazi acika amaraso yongera akoraivyo bitangaza vyose bindi, neza na neza ivyo vyabuwe aha muri iki cagatandatu kimatanije ca Gitabo. None rero ng'aba mu VyahishuriweYohana 11, bakora neza na neza ivyo nyene! Amen! Hariho ahantu hatatuhatandukanye mu Vyanditswe hafataniriza ivyo vyose hamwe. Niukwugururwa kw'ica gatandatu kimatanije ca Gitabo. Kiri aho nyene. Amen!Imana ihabwe icubahiro!

Murabona, aba bafise ububasha bwo kwugara amajuru mu gihec'ukuvugishwa kwabo, ngo imvura ntikoroke, bafise ububasha ku mazingo bayahindure amaraso no guteza ivyago isi igihe cose babigomvye.Oh, bene Data, aho ni ho tugeze! Ubu rero twige kuri ivyo vyago. Ukoivyaremwe vyose bisanzwe bitunganijwe kuba kwahagaritswe igihe ico cagatandatu kimatanije ca Gitabo cugururwa. Uko nyene ni ko vyagenze.

108 Ubu rero murabe iki kintu. Murabona ko hano Imana igira ibohoreumwana wayo w'umuhungu Isirayeli ikoresheje vya vyago nyene yakoreshakera. Yarungitseyo Mose aramanuka maze abohora Abisirayeli. Mbega siivy'ukuri? Kandi n'ubu aca akora nka vya bindi nyene.

Yatumye Eliya kuri Ahabu, maze 7000 baca barasohoka. Ni vyo? Uburero yongeye kubarungika mu gihe ca vya vyago bihambaye mazebahamagarire bamwe 144.000 gusohoka. Gurtyo rero murabona ko hagatiy'ica gatandatu n'ic'indwi bimatanije ca Gitabo, igice c'indwic'Ivyahishuriwe Yohana kirashira hamwe ivyo bintu vyose mu kibanzacavyo mu buryo bw'ibitigiri bitomoye.

109 Ni nka ca gitigiri ca Amerika ari co cumi na gatatu. Mu gutanguraharihо ama Leta cumi n'atatu, inyenyeri cumi na zitatu kw'ibendera ryaAmerika, ibihugu cumi na bitatu biganzwa n'Ubwongereza, uturongo cumina dutatu. Vyose bigizwe n'igitigiri cumi na gatatu, kandi kiboneka mu giceca cumi na gatatu c'Ivyahishuriwe Yohana. Ni ivy'ukuri! Igitigiri caAmerika ni cumi na gatatu, kandi ni umugore.

Turabe ivyabaye igihe yagira ibohore umwana wayo w'ikinege, uwoyari yaravyaye, uwari umwana

wayo w'ikinege. Yakobo ni umwana wayo,ariko uyu we, ni umwana wayo w'ikinege yavyaye.

110 Ariko rero turabe ivyo yakoze muri Matayo 27. Mwibuke ivyabayeigihe Umwana wayo yakubitwa, akababazwa, bakamushinyagurira hanyumaakakabambwa ku musaraba ku wa gatanu-mweranda igihe c'isaha icenda zo ku muhingamo. Matayo 27, umurongo wa 45 : «Uhereye kw'isaha ya gatandatuubgirakabiri bukorana mu gihugu cose gushitsa kw'isaha y'icenda.»

Turabe ivyo ikora mu nyuma y'aho mu Vyahishuriwe Yohana 6 : 12 : «Kandi mbona amena ica gatandatu kimatanije ico gitabo, isi iratigita cane:izuba ririrabura nk'igunira ry'ubgoya; ukwezi kwose guhinduka nk'amaraso.»

Ukwiraburana, umwiza w'umuzitanya. Muri Egiputa habayehoukwiraburana n'umwiza w'umuzitanya. Imana yatanze Yesu ku musarabaimbere y'ukumushira hejuru mu kuzuka. Ubwa mbere habanje kubaumwiza. Izuba riramanuka ku mutaga maze inyenyeri ntizaba zigitangaumuco. Hashize imisi ibiri, iramuzura mu ntsinzi ikomeye. Inyuma y'ahoizuba, ukwezi n'inyenyeri vyaciye binyegezwa maze ivyo bintu vyose biberamuri Egiputa, ica ibohora Abisirayeli maze ibarongora ibajana mu gihuguc'Isezerano.

111 Aha turi mu gihe ca vya vyago bihambaye kandi aho ni ho hari babavugishwa n'Imana babiri bakoresha Ijambo ry'Imana ibaha. Bashoborakuvuga gusa igihe Imana ibahaye Ijambo.

Ariko abo si imana. Mu gihe gito gusa baba imana ntonto kuko Yesuyavuze ko ari ko bari. Yesu yavuze ati : «Mwita imana abo Ijamboryashitseko. »

Murabibona, ni abo Imana izanira Ijambo. Kandi iyo bavuze, ivyobirashika. Ni uko. Ng'abo rero, bamaze guhabwa n'Imana igikorwa cogukubita isi igihe cose babigomvye. Oh, bene Data! Barashobora gukingaijuru, kandi barabikora. None haca haba iki? Igira ikureyo bamwe 144.000ngo ibacungure, ngo ibahamagare ikoresheje Igitabo c'Ubucunguzi. Kandiivyo bibera mu kimatanije c'Ubucunguzi, mu ca gatandatu kimatanije caGitabo. Ni ivyo, bagenzi bakundwa. Ico ni co ca gatandatu kimatanije caGitabo cari ic'akabanga.

112 Turacasigaranye iminota cumi. Reka twongere turabe akandi kantu.Ndacafise urupapuro rumwe canke urupapuro rumwe n'igice kuri ivyo bintu.Ni uko. Nibaza ko kuri iki cigwa conyene ngisigaranye impapuro indwicanke zirenga nshobora kwigako.

Oh, hariho vyinshi kuri iki cigwa ! Oh, bene Data, nari gushoborakubandanya mva ku murongo nja ku wundi ariko ndatinya ko vyohavabibasoba mu gihe noguma mva aha nja hariya kenshi. Sinoshoboragufataniriza hamwe ivyo vyose nk'uko notegerezwa kubigira.

113 Dufate igitabo c'uwavugishwa n'Imana Yesaya. Uwavugishwa n'ImanaYesaya yarabonye ica gatandatu kimatanije ca Gitabo maze akivugako.Ubwo rero dukwiye kumenya ko ari ivya nkenerwa canke atari ivyankenerwa, murabona. Aho rero, Umugambi w'Ubucunguzi wose uri muri ibibimatanije ca Gitabo ari co Gitabo cose.

Muribuka ko twerekanye ko Yesu yabonye ivyo bintu. Si ko biri ? Yesuyarabibonye. Kandi ubu turabonye ko n'abandi babibonye. Ivyo twabibonyevyerekanwa nk'ikigereranyo muri Yakobo. Twarabibonye mu kigereranyomuri Egiputa. Turabibona mu kigereranyo ku musaraba.

114 Ariko ubu rero reka tugaruke muri Yesaya. Nanditse kandi igitigirikitari gito c'abandi bavugishwa n'Imana, ariko nkunda cane iki gitabo caYesaya. Tugaruke muri Yesaya igice ca 13.

Mbega murazi ko iki gitabo ubwaco ari Bibiliya ikwiye ? Mbega mwarimubizi ? Igitabo ca Yesaya gitangurana n'ivy'irema ; hanyuma, amaja hagati,gica kivuga ivya Yohana Umubatizi, maze mu mpera kikadonda ivya yanganji y'imyaka igihumbi. Ikindi na co muri Bibiliya harimwo ibitabomirongo itandatu na bitandatu, muri Yesaya na ho hakabamwo ibice mirongoitandatu na bitandatu. Ubwaco ni indondoro ikwiye.

Ariko reka dusome Yesaya, igice ca 13 duhere ku murongo wa 6; « Nimuboroge, kuk' umusi w'Uhoraho uri hafi; uzoza ar'umusi wo guhonyauvuye kw'Ishobora vyose.»

115 Mwitegereze ingene iki ca gatandatu kimatanije ca Gitabo cugurukiraaha nyene, imyaka 713 imbere y'ukuza kwa Kristo. Imyaka igiye gukwira2000 aje; ni ukuvuga ko haciye hafi imyaka 2700 Yesaya abonye ivy'ikikimatanije ca Gitabo. « Ivyo bizotuma amaboko yose adendebuka, n'umutimaw'umuntu wese ushonga... »

Yesu avuga iki? «Kuko ubugarariji buzogwira, urukundo rwa benshiruzotimba kandi abantu bazogwishwa igihumura n'ubwoba.» Bizomerank'ukubomborana kw'ikiyaga, murabona. Abantu bazotunguka umutima.«...bazokwiheba; umubabaro n'uburibge bibafate; bazobabara nk'umugoreari ku nda, bazorabana bumirwe kandi mu maso habo hazohindurira nk'umuriro. »

Mwihweze neza ibi bintu. Oh, bazokwuzura ibimaramare!Turabigarukako mu kanya. Ntituvyibagire.

116 « Ehe umusi w'Uhoraho uraje, niruburakigongwe uzananye ishavu n'uburake bg'inkazi; ng'uhindure igihugu imisaka, ugeseze abanyavyaha baho ngo bagishiremwo. (Wa Mwagaziw'intama...Vyose biri aho, murabona. Mwitegereze neza). Kukw'inyenyeri zokw'ijuru n'uburundo bgazo bitazokwaka, izuba rizocura umwiza rikirasa,n'ukwezi ntikuzobonesha umuco wakwo. Kandi nzohana ab'isi kubg'ibibivyabo, n'abanyakibi kubg'ukugabitanya kwabo, nzomara amanyamaabibone, n'ukwishira hejuru kw'abantu b'agaterabgoba nzogusubiza hasi.»

Murabona ko ari ivyo nyene. Ivyo Yesaya yabonye ni vyo Yesu yavuzekandi ni vyo ibi ndwi bimatanije ca Gitabo bihishura ko bizoba igihe azobaariko arezesha isi vya vyago bihambaye. Ica gatandatu kimatanije caGitabo cerekeye igihe ca vya vyago bihambaye. Ego! Yari uwavugishwan'Imana gurtyo ahishurirwa Ijambo ry'Imana. Haciye imyaka 2.700 bibaye.

117 Nagomba ku vy'ukuri mvuge iki kintu : Yesaya avuga ko isi yose arink'umugore ari ku nda, ko ivyaremwe vyose biri mu mibabaroy'ukuramukwa. Kubera iki mw'isi no mu vyaremwe hariho iyo miniho n'iyomibabaro yo kuramukwa, nk'umugore agira abe umuvyeyi? Reka dufatireakarorero kuri iki gisagara cacu cuzuyemwo ibirabo, ubusambanyi, imyandan'isuri, mbere co kimwe n'ikindi gisagara ico ari co cose. Ni uko, nibaza koImana yoshimye kukibona kimeze nk'uko cari kiri haciye imyaka igihumbi.Igihe uruzi Ohio rwatemba ruca muri iki kiyaya, nta mwuzure cankeibidengeri vy'amazi vyari bihari. Nta caha cari kiri muri iki kiyaya. Imbogoyarazunguruka utu turere hanyuma ba bahigi ba kera b'aba Cherokeebarayiga maze bikiberaho amahoro. Nta nkomanzi yari ihari. Ariko umuntuaje, yaje azananye n'icaha. Igihe abantu batangura kugwirirana kw'isi, icahan'umuryano vyaciye vyaka indaro. Ni ivy'ukuri! Umuntu ni ko yama. Rero uzoba ari umuvumo

118 Umusi umwe nari mu ntara nsigaye mbamwo ari yo Arizona. Nkiriumwana nahora nsoma inkuru zerekeye Geromimo, Cochise n'aba bantub'aba Apaches ba kera, abo mbere nabwiye ubutumwa. Ni abantu bamezeneza. Abo Bahindi b'aba Apaches bari mu bantu b'intwari babaho. Rero naringiye i Tombstone aho bafise ibisigarira vyose vyabo vya kera vy'intambara.Murazi ko bamye bashira Geronimo ku rutonde rw'abahemu? Jewendamufata nk'umunyamerika wo kw'itsitso! Ni ukuri! We yarwanira gusauburenganzira bwiwe nk'uko uwo ari we wese yobigira. Ntiyagomba uyumwanda mu gihugu ciwe. Murabe aho ibintu bigeze ubu : igihe umuzunguyaza yaciye afata abana biwe n'abakobwa biwe abagira abasambanyi n'ibindivyose. Abazungu ni indyadya!

Abahindi b'abanyamerika ni abantu baziguriza ivyaremwe;ntibasesagura. Bishe imbogo imwe, umuryango wose warayigabanganantihagire ico usiga. Urushato rwayo barukoramwo imyambaro, amahema n'ibindi bitandukanye. Ariko umuzungu araza hanyuma akayirasank'uwurasa kuri ca gishushanyo bimenyererezako kurasa. Emwe, birateyeisoni!

119 Narasomye inkuru imwe yo mu kinyamakuru ivuga ku vyerekeyeAfrika, ico gihugu gitunze ibikoko vyo mw'ishamba vyinshi cane, ahoabantu nka Arthur Godfrey n'abandi baja kurasa inzovu n'ibindi bikokobibereye muri za kajugujugu. Umuntu yarashobora kubona ishusho y'inzovuishaje y'imvyeyi iriko iracikana; ibimeze nk'amosozi bikoragurika mu masoyayo. Impfizi zibiri zikuze zikagerageza kuyisegura. Aho rero ni icaha! Siimyimenyerezo!

Ngiye mw'ishamba nkunda kuja guhigamwo; narabonye abahigib'abazungu bica impongo hanyuma bagaca bayikurako gusa ukuguru;naranabonye kandi bica impongokazi nk'umunani canke cumi mazebakazisiga aho mu gihe ivyana vyazo vyaguma vyiruka bizunguruka ahohantu birondera nyina wavyo. Mwibaza ko uwo ari umutima wo kwinonoraimitsi? Uko ndabibona jewe ni ikibi c'ubwicanyi bw'ububisha.

120 Ndizigira ko igihe cose nzoba nkiriho, Canada ntizokwigera igiraamabarabara kugira ngo ibuze ivyo bitabanga vy'abanyamerikakuvyinjiramwo. Ni ivy'ukuri ni abahigi babi ba mbere jewe maze kubonakuva mbayeho. Ariko ni ivy'ukuri ko bose batameze gurtyo. Hariho abagabobake b'ukuri, ariko nta muntu umwe ku bantu igihumbi muzobona. Barasaico babonye cose, uko biri kwose baragerageza! Ni abicanyi! Ni ivy'ukuri.Nta mutima bafise. Barasa mu gihe bidakenewe.

Igihe nari muri Alaska najanye n'umuranzi w'inzira zo mw'ishamba.Arambariraati : « Ngiye hariya hanyuma ndahabona amasho y'impongo zarashishijweinkoho yitwa mitarayeze ikoresha amasase manini manini y'urugero rwa 50. Ni ba banyamerika batwara indege bo muri Alaska bari bazirashe bibereyehejuru mu ndege zabo. Ubusho bwose bw'impongo! Ni ubwicanyibweruye!»

121 Bari bazi neza ko baramutse bishe imbogo, abahindi bohavabakazokwicwa n'inzara. Ni co gituma Cochise yaciye yishikana. Abaganwabiwe bose, abana biwe, abantu biwe bose bari kwicwa n'inzara. Buffalo Billn'abandi bose bica nk'imbogo zishika mirongo itanu ku muhingamo umwe!Bari bazi ko bazikoresheje, bobaye bikuyeko Abahindi. Mbega agatosikw'ibendera ryacu kuba twafashe gurtyo abo Bahindi! Ni uko! Arikomwibuke ko Bibiliya ivuga iti : «Igihe kirashitse aho Imana izorandura abonona isi.»

122 Itegereze ibi biyaya. Uwundi musi nari muri Phoenix, nerekeza amasomu kiyaya. Nari naduganye n'umugore wanje kuri wa musozi bita SouthMountain, twari twicaye harya twirabira hariya amaja i

Phoenix. Ndavuga nti: « Ntubona ko biteye ubwoba? » Aranyishura ati : « Ubwoba? Ugomvyekuvuga iki? »

Ndishura nti : « Icaha. Mbega muri birya bihumbi 140 canke 150 cankekumbure 200 baba muri kirya kiyaya hariyo abasambanyi bangana ikin'imborerwa zingana iki n'abavugira ubusa izina ry'Umwami bangana iki?Ndavuga nti : « Haraciye imyaka amajana atanu canke igihumbi aho harihoibiti vy'amahwa n'ibisaka gusa; imbwebwe zaba hafi y'uruzi. » Ncandongera ndavuga nti : «Uko ni ko Imana yagize aka karere. Ariko noneumuntu na we aje yakoze iki? Yaciye yuzuza isi imyanda yiwe; amabarabarayuzuye ububisha, imifurege n'inzuzi vyandujwe n'iyo myanda yose. » Vyobavyiza umuntu ahevye kunywa kuri ayo mazi! Oh, bagenzi! Mwonkundira!

123 Murabona uko bimeze. Kandi si ngaha gusa, ariko ni kw'isi yose. Hoseharononekaye, baba abantu, vyaba ibidukikije. Imana ibigirire imbabazi! Isiyose iri mu mibabaro yo kuramukwa. Isi irinanata, iraramutswe nk'ukoYesaya yabivuze. Hariko haba iki? Iriko igerageza kuvyara isi nshashayejejwe itagira icaha kubwa ya nganji y'imyaka igihumbi, igerageza kuvyaraisi nshasha, kubw'abantu bashasha batazosubira gucumura ngo bongerekuyonona. Ni ivy'ukuri. Iraramutswe.

Ni co gituma turamutswe na Kristo akaba aramutswe kugira ngohaboneke Umugeni. Ibintu vyose biraramutswe kandi biraniha. Murabibona.Hariho ikintu kigiye gushika. Kandi iki cago ca gatandatu ni co kizana ivyobintu.

124 Bene Data, hazobaho ukunyiganyiga kw'isi guhambaye, inyenyerizizokoroka, ibirunga bizotomboka maze isi isubire kuba nshasha. Ikirungagishasha kizoturuka mu nda y'isi maze gitembe gikwire hose, mu gihe iyi siizoba iriko ibandanya kuzunguruka mu kirere.

Igihe kimwe mu gitondo narababariye ko igihe Yesu azogarukira kw'isiazananye n'Umugeni wiwe, izoba ari paradizo y'Imana. Oh, bene Data! Icogihe ababaye abahizi mu rugamba bazomanukana na bagenzi babo,n'abakunzi babo indirimbo zizosamirana mu kirere bari kumwe n'ingaboz'abamalayika : « Wakoze neza, mushumba mwiza kandi w'umwizigirwa,injira mu munezero w'Umwami wateguriwe usa n'uwo wari kugira hariyaimbere y'uko Eva atangura kwivayanga muri rya kuburiro ry'ivyaha!»Amen! Ego! Hari ikintu kizokorwa n'ikigira gatandatu kimatanije ca Gitabo.Ni ivy'ukuri. Isi yose iraniha yifuza ico gihe c'ukuganza kw'imyakaigihumbi.

125 Ubu isi ya none yuzuye cane imyanda! Nta gihe kirekire kihaciyenigishije kuri iki cigwa ngo : Iyi si iriko iratatana. Nibaza ko hari muri iriHema. Ni ryo nyene. Murabe ivyo bintu vyose biriko biratatana mw'isi ! Ntakintu gisigaye gihagaze; vyose biriko biratatana. Nta nkeka, uko ni kobimeze. Nta kundi vyomera. Nta nkeka. Murabe ibiyigize ubwavyo. Murekendabereke igituma isi itegerezwa gukora ivyo. Ibigize iyi si, ubutarebw'ivyuma, ubutare bw'umujumbu n'ubundi butare bwose bwo mw'ivubwaracukuwe bukurwa mu bigize isi ngo bukoreshwe mu ngwano no mumahinguriro, gushika aho ubu isigaje gato ngo…

Imbere ya wa musi, ntitwari bwigere tugira ugutigita kw'isi muri akakarere k'iki gihugu. Ugutigita kumaze kubaho ni ukwa wa musi gusa ;murabona mu karere ka Saint-Louis. Intimba y'isi igenda igabanuka cane!Barayicukuyemwo vyose, murabona.

Politike yayo yarononekaye cane ku buryo ubiravye ata kintu na kimwekigororotse kiri muri yo. Bafise urupfasoni ruke cane ku buryo ku vyukuriubiravye usanga ata n'urwo bafise. Ni uko. Nta nkeka. Ivy'ugusenga kwabovyarabunzwe. Ego. Nta nkeka !

126 Igihe kigiye gushika aho ica gatandatu kimatanije ca Gitabocugururwa, kandi ni cugururwa, oh, bene Data ! Ni umuhero. Umugeniazoba yamaze kugenda. Umwamikazi azoba yagiye gufata icicaro ciwe.Ico gihe azoba ari mu bukwe hamwe n'Umwami mu gihe ivyo bintuvyose bizoba biriko birashika. Kandi amasigarira ya Isirayeli azobayashizweko ikimenyetso kandi yiteguriye kwigira ; ubwo rero isi izobarekabagende. Oh ! mbega igihe !

127 Murabe umurongo wa nyuma w'iyugururwa ry'ica gatandatukimatanije ca Gitabo. Murabe abacokoye ukuvugwa kw'Ijambo, kw'Ijambory'Imana Nzima ryemejwe igihe abo bavugishwa n'Imana bari ngaho baribakoze ibitangaza, bagatuma izuba ricura umwiza n'ibindi vyose muri icogihe cose. Baboroga babwira imisozi ngo ibagweko kugira ngo ibahishe iryoJambo bari baracokoye, kuko ico gihe bashobora kumubona aje ! bati :«Duhishe uburake bw'Umwagazi w'intama !» Murabona, We ni Ijambo.

Bari baracokoye Ijambo, none raba, Jambo yambaye umubiri. Baribararicokoye, bararitwenga. Bari barabacokoye maze Jambo yambaye umubiri aca araseruka. Kubera iki batihanye ? Nta vyo bari gushobora, baribarageze kure cane ! Ni co gituma bazi ko igihano… Barumvise bivugwa.Baricaye mu bikorane bisa n'ibi, barumvise babivuga; bari bazi ko ivyabuwena ba bavugishwa n'Imana ko ari bo nyene vyaraba.

128 Ng'iki ikintu banse : banse ubuntu irya nyuma. Iyo mwanse ubuntunta kindi kiba kigisigaye atari urubanza. Iyo mwanse ubuntu.Nimuvyiyumvireko !

Aho ni ho bari bageze. Nta hantu na hamwe bari bafise baja, ntabwihisho na bumwe. Kandi hano Bibiliya ivuga iti : « Babarira imisozin'ibitandara, bati ni mutugweko, muduhishe inyonga z'Ivyagiye kuri iryantebe n'uburake bw'Umwagazi w'Intama…» Barageragеje kwihana, arikoUmwagazi w'Intama yari yaje kwishuza ivyiwe. Maze batakamba babwiraibitandara n'imisozi, barasenga, ariko amasengesho yabo yaje harengeranye.

129 Bene Data na bashikanje, ukugira neza n'ubuntu bw'Imana bitwikiriyeabanyamahanga, mu gihe haheze imyaka 2000 Abisirayeli barahumishijwekugira ngo duhabwe akaryo ko kwihana. Mbega ubwo buntu mwarabwanse ?Mwarabwanse ? Mbere n'ahandi, mwebwe muri ba nde ? Muva he ? Mukajahe ? Ivyo ntimwobibaza abaganga banyu. Nta muntu n'umwe kw'isimushobora kubibaza. Kandi nta gitabo na kimwe mushobora gusomagishobora kubabarira ico muri co, aho mwamye, n'aho muja, kiretse ikiGitabo.

130 Ubu murazi ko Amaraso ya wa Mwagazi w'Intama ategerezwa gukoramu gishingo canyu, atari uko murabona iyo muriko muraja. Gurtyo reronamba Imana yarabakoreye ivyo bintu, ico dushobora gukora conyeneni ukwemera ico yakoze. Ni co conyene idusaba gukora.

Noja kure gatoya, vyoca biba ngombwa ko mvuga ku vyerekeye icocago, ariko ni co cigwa c'ejo ku mugoroba, rero sinshobora kubikora.Sinshobora kurenza aho. Nasizeho akamenyetso k'umusaraba mu vyonanditse kugira ngo menye aho ntegerezwa kugarukiriza. Ni co gitumabikwiye ko ndindira gushika ejo.

131 Ubu rero, reka twunamike imitwe yacu akanya gato. Bagezi nkunda, nimwaba mutarakira urukundo rw'iyi Mana ndiko ndavuga (mutege yompiivyo ngira mvuge), ni mwaba mutakiriye urukundo rwayo n'ubuntubwayo, mutegerezwa kwemera urubanza rwayo n'uburake bwayo.

Kuri uno mugoroba mu gishingo nk'ico Adamu na Eva barimwomw'tongo rya Edeni. Murafise uburenganzira, murafise akaryo kokwihitiramwo. Murashobora gutumbera ku Giti c'Ubugingo, canke mukemera urubanza. Ariko uyu musi mu gihe muciyumvira neza, kandimushobora kubona ikigororotse, kandi mukaba mufise amagara meza kuburyo mushobora guhaguruka mukanyemera, kubera iki mutobikora, nambamwoba mutarabikora?

Mbega ngaho hoba hakiriho abantu batarabikora ? Namba muharimbega mwotarika ibiganza maze mukavuga muti : « Mwene Data Branham,munsengere. Nipfuza kubikora muri aka kanya. Sinipfuza ko ivyo bintubinshikako.»

132 Bagenzi bakundwa nimwibuke...(Imana ibahezagire! Ni vyiza!) Ibi niivyiyumviro vyanje kuri ivyo, si ivyo niyumviriye. Ivyo mpejeje kubabwiravyose, ivyo vyose ntibiva kuri jewe na gato. Umwami n'amfashe, MpwemuYera arabizi!

Murindire gushika ejo ku mugoroba, kandi Umwami ni yabigomba,hari ikintu c'akabanga nagomba kubereka cakomeje kibera aha nyene uko ibibikorane vyagiye bikwirikirana. Ndakeka cane ko mwoba mwarabonyeivyashitse. Ni ikintu cagaragaye ngaha, neza na neza imbere yanyu kandinararindiriye buri mugoroba ko hogira umuntu ahaguruka ngo avuge ati : «Ndakibonye! »

Ndabasavye ntimubishibure! Ndabasavye iki kintu : Nambamutari abakristo, namba mutari munsi y'amaraso, namba mutavutse ubwakabiri ngo mwuzuzwe Mpwemu Yera, namba mutari bwigere mwaturaimbere y'abantu ko mwakiriye Yesu Kristo biciye mu mubatizo wo mw'Izinaryiwe ngo mushingire intahe urupfu rwiwe, uguhambwa kwiwe n'ukuzukakwiwe, amazi arateguwe. Barabarindiriye! Amakanzu y'ukubatirizwamwoatangirwa aha nyene kandi vyose birateguwe. Kristo ariteguye, agaranzuyeamaboko ngo abakire.

133 Mw'isaha imwe ubu buntu burashobora kutaba bukibashikiriye.Murashobora kubwanka bikaba biheze, maze rero ntibube bugishoborakwongera gukora ku mitima yanyu. Kubera iki mutabikora igihemukibishoboye?

Ndazi ko umugenzo uhari ari uwo kuzana abantu ku gicaniro. Ni vyodukora kandi ni vyiza cane. Ariko uyu musi hari abantu benshi, harihon'abakikuje igicaniro, gurtyo rero ntidushobora kubikora. Ariko nagombakuvuga iki kintu. Biravugwa ko mu gihe c'intumwa « abizeye bose baciyebabatizwa » Iyo muba mwashobora gusa kwizera vyukuri, bivuye i bwina mumitima yanyu...

134 Vyose biri aho. Si ikigumbagumba, n'aho ibigumbagumba bijana navyo. Ni nk'uko navuze nti : « kunywa itabi canke kunywa inzoga si ivyaha »; ni ibintu bikomoka mu caha. Ivyo vyerekana ko mutizera. Ariko igihemwizera vyukuri mu mitima yanyu mukaba muzi ko mushobora kubikoreraaho mwicaye maze mukamwakirana imitima yanyu yose, hari ikintu kizagukoreka aho hantu nyene. Ivyo biraja gushika. Gurtyo rero muzoshoboraguhaguruka kugira mushinge intahe ko hari ikintu cakoretse.

135 Gurtyo rero uje mu mazi, maze uvuge uti : « Ngomba nereke ikoraniro,ngomba ndabigaragaze, ngomba nshinge intahe yanje ko ngomba gufataikibanza canje mu Mugeni. Mpagaze ngaha muri aka kanya kugira ngombatizwe. »

Ndazi ko kuri uno mugoroba hariho abagore benshi bameze nezamw'isi, ariko hari umwe gusa nipfuza kubona mu buryo bwiharije. Ni uwomuri abo bose ari umugore wanje. Atahana nanje i muhira. Ntiyari umugorewanje uhereye mbere, ariko none yabaye umugore wanje gute? Mukwitirirwa izina ryanje.

Agiye kuza. Hari abagore benshi cane, amashengero menshi canekw'isi, ariko aje kubw'umugore wiwe. Yitirirwa Izina ryiwe. Abari muriKristo bose, Imana izobatwarana na We. Mbega twoshobora kuhinjiragute? « Kuko muri Mpwemu umwe, twese ari ho twabatijwe ngo tubeumubiri umwe.»

136 Mu gihe turiko turasenga, na mwebwe nimusenge, mwoba muri ngahamuri iyi nzu canke muri hanze. Hari abantu benshi mu mazu atandukanye nomw'ibarabara, kandi ntidushobora kubahamagara ngo muze ku gicaniro,ariko imitima yanyu muyigire igicaniro. Kandi mu mitima yanyu nyenemuvuge muti : « Mwami Yesu, ivyo ndavyizeye. Nagumye hanze mu kayagak'ijoro. Muri kano kazu gatoya harashushe ku buryo nabuze impwemu.Nicaye ngaha muri aba bantu. Singomba ko ibi bintu bincika. Sinovyemera. »

Muri ivyo vyose nk'uko nabibabwiye ejo ku mugoroba (Umwaminamfashe), Umwami arazi ko mvuga Ukuri. Nk'uko Paulo yabivuga : «Simbesha na mba » Muri uko kwerekwa, canke ikindi ico ari co cose, narindi ngaho ndaba abo bantu bari baje kandi nongera ndabakorako. Vyariibintu vy'ukuri nk'uko mumbona ngaha kuri uno mugoroba.

Aka karyo ntikagucike mwene Data, mushikanje; ntikagucike! Ndaziko mwamaze kwumva Ubutumwa buvugwa, ko mwumvise ibi na biriya,ibintu vyinshi bitandukanye, ariko ni mwumve ivyo ndababwira. Ndazi ko ariukuri. Sinshobora kubivuga mu buryo butomoye kuruta aha. Ntibibacike. Ibivyose ni ivyanyu. Ubu rero reka dusenge.

137 Mwami Yesu, ehe raba agasandugu kuzuye udutambara kari imbereyanje mu gishingo c'abarwaye. Ndabasengeye kandi ndambitse ibiganza kuriutu dutambara nk'uko Bibiliya ivuga ngo : « Bashira abantu ibitambaran'ivyambazo bivuye ku mubiri wa Paulo, maze impwemu zihumanyezikabavamwo. » Ibimenyetso bihambaye vyaragaragara kuko bari babonyePaulo kandi bakamenya ko Mpwemu w'Imana yari muri we. Bari bazi koyari umuntu adasanzwe kandi ko n'ibintu yavuga vyerekeye Ijambory'Imana...

Yafata iri Jambo rya kera ryari ryanditse mu Giheburayo, rivuyemw'ikoraniro ry'Abayuda, akarihesha Ubugingo maze akarishira mu kibanzamuri Kristo. Bari bazi ko Imana yari muri uwo muntu. Bari barabonye Imanaimukoresha ibikorwa bidasanzwe kandi bikomeye. Yarabura ibintu bigashikank'uko yari yarabivuze. Bari bazi ko ari umukozi w'Imana.

138 Mwami, ndakwinginze wubahirize aba bantu kubwo ukuntu bubahaIjambo ryawe kandi ubakize kubw'urukundo rwa Yesu. Kandi, Mwami, muriiri koraniro, hariho abantu bicaye nka bamwe bariko bumviriza intumwaPetero ku musi wa Pentekote maze bumva ingene afata Ijambo,akariserangura maze akavuga ati : «Yoweli yavuze ko mu misi ya nyuma ibibintu bizoba kandi ibi ni vyo vy'ivyo. Hanyuma bamwe 3000 baravyizerakandi barabatizwa.»

Kandi, Data, uno musi turi hano kubwo ubuntu bwawe, si kubera ko ariabantu badasanzwe, ni kubera ko ... Ni nko mu gihe c'Intambwe, c'Inyanan'ic'Umuntu. Ubu ni igihe c'Inkukuma. Ni yo mavuta y'iki gihe, ni cogihe turimwo. Ni co gikorwa ca Mpwemu Yera muri iki gihe kidasanzwekugira ngo kigaragaze ko Yesu atapfuye kandi ko akora ibintu yavuze koazokora imbere gato y'uko umuco wo ku kagoroba uzima.

139 Kandi twaramubonye akora ibikorwa vyiwe muri uru rugendo rwose.Twaramubonye yururuka, kandi ubushakashatsi bwarafashe ifoto ya yaNkingi y'Umuriro y'ubwiza yarongora Abisirayeli, yahura na Paulo ari munzira... Kandi turazi ko ari iyo Nkingi y'Umuriro nyene yarongoye Mosehariya mu bugaragwa kandi ko ari kubw'iyo Nkingi y'Umuriro nyeneyanditse ibitabo vyinshi vyo muri Bibiliya, kuko yari yarobanujwe amavutan'Ijambo ry'Imana.

Iyo Nkingi y'Umuriro nyene yaje kuri Paulo mu nzira ija i Damasiko,maze yandika ibitabo vyinshi vyo muri iyi Bibiliya ari Yo yitwa Ijambory'Imana. Kandi ubu, Mwami, iyo Nkingi y'Umuriro nyene, kubwoigishingantahe c'ukuri kw'Ijambo kandi biciye no mu bushakashatsi,turayibona ngaha ihishura Ijambo ry'Umwami.

140 O Mana, kangura vuba aba bantu, ego, vuba Mwami! Abo amazinayabo yanditse muri ca Gitabo c'Ubugingo bashobore kubona uyu Muco igihewakira mu nzira yabo, bashobore kuwubona, nk'uko wa mugore w'imigenzomibi yawubonye urya musi hafi ya wa mugezi. Yaciye abibona ubwo nyenemaze amenya ko ari Icanditswe.

Kandi ubu, Data, ndakwinginze ngo abaja kukwakira bose uyu musi mumitima yabo bafate ingingo rimwe risa ko basezeye icaha; kugira ngobahaguruke maze ubu bitegurire gushinga intahe ku mugaragaro mukubatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu-Kristo, kubwo uguharirwa kw'Ivyahavyabo, gurtyo berekane ko bizeye ko Imana yabahariye, kandi ko bitirirwaIzina rya Yesu Kristo.

141 Nuko rero, Data, ubasukeko amavuta ya Mpwemu Yera kugira ngobashigwe mu gikorwa c'Umwami Imana, maze babe abakozi muri iki gihe canyuma kibi. Kuko turabona ko dusigaje igihe gito cane kandi ko

Ishengerorishobora kwigira umwanya uwo ari wo wose.315. Umwanya uwo ari wo wose, wa Mwagazi w'Intama ashobora kuva murusengero, ari Yo ntebe y'ikimazi, iyo mw'Ijuru, hanyuma akururuka akavaku ntebe y'Imana ahari ikimazi, ubwo rero bizoba biheze. Nta vyizigiroab'isi bazoba bagisigaranye, ivyabo bizoba birangiye. Ico gihe bazoca baburaayo bacira n'ayo bamira, imibabaro ikomeye itewe n'ugutigita kw'isi,ukunyiganyiga gukomeye, nka kumwe kwa ca gihe co kuzuka.316. Kandi igihe abera bazozukira, hazoshika vya bindi nyene vyashikaigihe Kristo yava mu mva. Mwami, ivyo bishobora gushika mu kanya!Turiteguriye ugushika kw'uwo musi w'umunezero! Data ubu rero fata abanabawe mu kuboko kwawe, shira imyagazi y'intama yawe ku gikiriza cawe. Niubiduhe Mwami maze ubagaburire Ijambo ryawe bagukorere.

142 Mwami, ubu rero turabakuragije, Mwami. Niwishure iri sengesho!Data, wavuze muri Mariko, igice ca 11, uti : « Ivyo musenga canke musabavyose, mwizere yuko mubihawe, kandi muzobibona.» Kandi nshize umutimawanje wose ku wampishuriye ibi bintu muri iyi myaka yose ishize bo n'ibibimatanije ca Gitabo muri iyi ndwi irangiye, ndizera Mwami Mana, ko igihegishitse, ko cegereje, ko Ukuza kwawe kwegereje cane kurusha ukotuvyiyumvira mu vy'ukuri.

Ndakwinginze wishure isengesho ryanje. Kandi umwana wese w'Imanayahamagawe ari ngaha ashobora kunyumva canke azokwumva aya makaseti,ndamwishuje muri kano kanya kubw'Ubwami bw'Imana, nzi neza ko iri ari Ijambo rihishuye. O Data, Umuco w'akagoroba ni wake! Ndabakuragijemw'Izina rya Yesu. Amen!

143 Ubu rero abizeye bose, baba bari ngaha canke hanze kandi bakababataratura imbere y'abantu ko basezereye icaha, ni mwaba mugomba ubuntubw'Imana kandi mukaba mubwemereye muri Yesu Kristo, amazi ari ngaho.Biteguriye kubatiza uwo ari we wese agomba kubatizwa (uyu musi, ejocanke muri aka kanya nyene), igihe ico ari co cose.

Mbega mwashimye iki ca gatandatu kimatanije ca Gitabo? Ubu rerocuguruwe, murabibona? Mwavyizeye? Haravugwa ngo : «Ni nde yemeyeinkuru zacu? Kandi ukuboko kw'Uhoraho kwahishuriwe nde?» Mwizeyeivyavuzwe, ukuboko kw'Umwami kuba ku bahishuriwe ukuboko ari ryoJambo ry'Imana ryahishuwe.

144 Umwami niyavyemera, ejo mu gatondo nzogerageza uko nshoboyekwose nishure kuri ivyo bibazo. Nibaza ko muri iri joro, canke igice kininicaryo, nja kurara ndabisengera. Sinkirenza isaha imwe canke zitatu ndyamyemw'ijoro; ijoro ryakeye sinagiye kuryama imbere y'isaha indwi z'ijoro,kandi isaha cenda nari navyutse kugira ngo nige. Murabona, ibinzotegerezwa kubibazwa. Ni ivy'ukuri. Turegereje cane iherezo ku buryotudakwiye kwiha uburenganzira bwo gukora ico twishakiye, kutagiraico twitaho,gukekeranya na gukeya, canke ngo tugarukire mu nzira.Bikwiye ko mbanza kubibona. Hanyuma maze kubibona, bikwiye kandiko ivyo bintu biba biri mw'Ijambo. Gushika ubu, ku bwo ubuntubw'Imana, ivyo bintu birahuye bikwiye. Ivyo bintu naravyize kuva iyo bivabikagera, murabizi, kandi vyose bifatanirije hamwe vy'ukuri.

Bikwiye kuba ari : «UKU NI KO UHORAHO AGIZE », kuko si ivyomvuga gusa mfatiye ku gutahura kwanje, ariko Ijambo ry'Umwami ni «UKUNI KO UHORAHO AGIZE ». Ngaha rero hari Ijambo rifata ivyo yampaye,rigahuriza ibintu hamwe maze rikavyerekana ku buryo muzoshoboraubwanyu kumenya ko ari «UKU NI KO UHORAHO AGIZE ».

145 Hano Ijambo ry'Imana rirabivuga, hanyuma hakaba n'uguhishurirwaampereza kunyuranye n'ivyo umwe umwe wese muri twebwe yariyariyumviriye gushika ubu; kunyuranye n'ivyo nari naravyiyumviriyekokuko sinari bwigere ndavyinjiramwo nk'uku. Ariko ubu rero turabonye koivyo bintu bihurije hamwe neza; none ivyo ni iki? Ni «UKU NI KOUHORAHO AGIZE ». Neza na neza ni ivyo. Hariho ikibanza caricaruguruwe kandi cari cagumye cuguruye gushika kino gihe. Hanyuma reroUmwami yaraje ashira ico kintu mu kibanza caco nk'uku. Ubu noneho murabona, ni uko, ni Umwami. Oh, ndamukunda! Ndamukunda n'umutimawanje wose!

Mwibuke ko tutaja gushobora kugenda ngo dushike ku gicaniro. Benshibashize amaboko hejuru; ariko murabona ni igikorwa ca buri muntu wese.Ivyo bivana n'ico mugomba gukora. Igihe kigeze kure cane ku buryomwategerezwa kwihuta uko mushoboye kwose, mutarinze kugoberwa.Nimwihute gusa, mugerageze kwinjira. «Mwami ntundekere hanze!Ntundekere hanze Mwami! Imiryango iriko irugarwa. Ese noshoborakwinjira !»

146 Umusi umwe, Imana izokwugara urugi. Yarabikoze mu gihe ca Nowa,kandi barakomanze kuri urwo rugi. Si vyo? Mwibuke ko Bibiliya ivuga ngoku muteramyi w'indwi... Si vyo? Bamwe bamwe basinzira ku muteramyi wambere, uwa kabiri, uwa gatatu, uwa kane, uwa gatanu, uwa gatandatu,uw'indwi; ariko ku muteramyi w'indwi; hari icatangajwe, humvikana ijwingo : « Ng'uyu umukwe ni musohoke mumusanganire.»

Za nkumi z'ibijuju ziravuga ziti : « Nagomba kuronka dukeya kuri ayomavuta. »

Umugeni aravuga ati : « Ayo mfise arankwiye jewe jenyene. Mfiseayankwiye. Ni mwaba muyagomba,

genda musenge.»

Mbega ubu ntimubona inkumi z'ibijuju ? Nimurabe Abangilikane,abaperesipiteriyano, aba Luteriyano n'abandi bagerageza… kandi ingoraneyabo n'uko aho kugerageza kwakira Mpwemu Yera, bagerageza kuvugamu ndimi. Kandi igitigiri kinini c'aba bose barafise isoni zo kuza muri irishengero kugira ngo babasengere, bipfuza ko ngenda i wabo kugira ngondabasengere. Hanyuma ivyo mukavyita Mpwemu Yera ? Ni ukuvuga mundimi kutagiramwo Mpwemu Yera.

147 Kandi ndizera ko Mpwemu Yera avuga mu ndimi. Murazi kondavyizera ; ariko kandi hariho n'ukwigana ! Nta nkeka ! Ivyamwa vyaMpwemu ni vyo vyerekana ivyo ari vyo. Ivyamwa vy'igiti ni vyobigaragaza ubwoko bw'igiti ubwo ari bwo, si igishishwa. Ni icamwa.

Ubu rero ibi mubirabe. Igihe baza kiba ari igihe ca nyuma, kandibamaze kwinjira, baravuga bati : «Ni uko, ubu nibaza ko ndamufise. Nibazako ndamufise. Ego. Turiko turamuhabwa !»

148 Vyoba vyiza ibi ntabivuze kuko vyoshobora gutera amadidane. Wamusi igihe navuga ingene izamurwa rizomera… Nimwaba muvuga ko mugomba kumwakira, ni vyiza cane. Neza cane, birabaraba. Igihe za nkumiz'ibijuju ziyumvira ko zoshobora kugaruka kubera yuko baribazisengeye…Umugeni yari yagiye.

Ivyo vyarabaye ariko ntizamenya na kimwe. Nka kurya igisuma kizamw'ijoro ni ko vyabaye. Zaciye rero zitangura gukomanga ku rugi, hanyumabica bigenda gute ? Haciye haba iki ? Baciye batererwa mu gihe ca vyavyago bihambaye; Bibiliya ivuga iti : «Ni ho hazoba amarira no kuryanyainsya z'amenyo.» Si vyo ?

149 Mwene Data, mushikanje, ivyo bizoshika ryari ? Nta co ndabiziko !Birashoboka ko nzoba ari jewe jenyene ngaha, murabona, ni iciyumvirocanje, murabona ? Ndibaza ko vyegereje cane. Buri musi nama nifuza…Ndagerageza kugenda niyoroheje uko nshoboye kwose. Murazi, hari ikintucabaye uyu musi maze mbona ikintu kimwe giseruka. Vyantangaje cane !Yari ngaho, ahagaze aho, kandi aho hantu nyene ni ho hari wa Muco kandivyari ivyo. Ndazi ko ari Ukuri.

Maze ndiyumvira nti : « O, Mana, sinzokwigera nshobora kuvuga ivyobintu ! Sinshobora kubivuga. Sinshobora !» Naciye nsohoka gusa mva mucumba hanyuma nja kuba ndagendagenda hanze. Ndiyumvira nti : « Oh,mbega nogira gute ? » Ngira nje kuroba canke gukora ikindi kintu. Mwami…ntako nobikubwira.

150 Twagize ibihe vyiza, si vyo ? Turi mu bihe bidasanzwe kuko umutimawanje wuzuye ukugubwa neza n'umunezero ! Ariko iyo niyumviriye kuri iyisi no ku bihumbi n'ibihumbi vy'abantu nsanzwe nzi kandi bazimiye, ivyobitera igitutu maze umutima wanje ukababara kubwabo. None yokora iki ?Umuntu yokora iki?

Murashobora gusa kwumva Mpwemu Yera asemererera mu mitimayanyu. Ico ni co cashitse mu Mwami wacu igihe yariko aritegerezaYerusalemu, ubwoko bwiwe bwite, maze aravuga ati : «Ewe Yerusalemu ,Ewe Yerusalemu ! ni kangahe nagomvye gukoranya abana bawe,nkukw'inkoko ikoranya imiswi yayo iyibundikira mu vyubi vyayo,ntimwakunda ! » Murumva Mpwemu Yera avuga ati : « Ni kangahenagomvye kubakoranya ariko ntimubigombe ! »

151 Bagenzi nkunda, turageze mu gihe hari ikintu kigira kibe. Ivyo ari vyovyose Imana irabizi. Nta n'umwe, nta n'umwe azi igihe ivyo bizoshikirako.Ni ibanga. Nta n'umwe azi igihe ivyo bizoshikirako, ariko Yesu yaratubariyeati : « Ni mwabona ivyo bintu (ivyo bintu vyose)…» Twarashoboye kubonaivyo bintu vyose igihe twahuza ica gatandatu kimatanije ca Gitabo n'ivyo Yesu yavuze muri Matayo 24. Mwibuke ivyo yavuze ati : « Nimwabona ivyobitanguye kuba igihe kizoba kiri hafi, ku rugi. »

Nimurabe imirongo ica ikurikira havuye umurongo wa 30, imirongo ya31,32 na 33. Yaravuze ati : «Azotuma abamarayika biwe, bakoranyeabatoranijwe biwe, bave mu birere bine guhera iy'ijuru ritangurira kugezaiyo riherera » Si vyo? Hanyuma aca avuga ati : «Ni mwigire...»

152 Muribuka ko yagarukiye aho. Inyuma y'ica gatandatu kimatanijeca Gitabo, ntiyigeze abandanya. Nta co yigeze avuga ku vyerekeyeic'indwi. Yaravuze ivyerekeye ica mbere, ica kabiri, ica gatatu, ica kane, icagatanu n'ica gatandatu ariko yaciye agarukiriza ngaho. Nta na kimwe yigezeavuga ku vyerekeye ica...

Mwihweze ico aca avuga ngo : « Ubu rero nimwigire ku mugani ».Murabibona? Hanyuma atangura imigani. Arababwira ati : « Ivyo bintubizoshika ». Arishura ku bibazo vyabo bitatu : « Ivyo bimenyetso ni ibihe,kandi ikimenyetso kizoba iki c'ukuza kwawe n'ic'umuhero w'isi? » Kandiiki ca gatandatu kimatanije ca Gitabo ni umuhero w'isi. Kandi umumarayikaw'indwi avugije inzamba, amanika ukuboko hanyuma arahira Ibaho ibihebidashira ati ntibigitevye.

153 Isi ica ivyara isi nshasha. Vyose biba birangiye kandi ngaha turi hafi kurugi. Oh, biranteye ubwoba! None nokora iki ga Mwami? Ikindi nokora niigiki? Oh, iyo niyumviriye ko nzobona aho hantu hamwe na ba bantu bosebakundwa!

Nariraba jewe nyene maze nkiyumvira nti : « Oh, Mana yanje! Ivyontibikwiye kubacika! Nari nkwiye

kubatera intege, nari nkwiye kujamw'ikoraniro kugira nje kubarondera nongere ndabatere intege! » Arikontawoshobora kubikora. « Nta muntu n'umwe yoshobora kuza, kiretse Dataamukwegereye » (Yohana 6 : 44). Ariko turafise ikiduhumuriza : Abo Datayampaye bose bazoza (Yohana 6 : 37). Ariko abasigaye babeshejwehon'amadini. Murabibona? « Ca gikoko kizimiza abantu bose bo kw'isiamazina yabo atanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'intamayatanzweko ikimazi uhereye ku kuremwa kw'isi.»

154 Murabona ko ivyo bibabaje, gurtyo rero ikintu kimwe conyenemushobora gukora ni ugushikama neza na neza mw'Ijambo ry'Imana, niukwitondera ico ashobora kubabwira gukora cose, hanyuma mukagikora. Icoyobabwira gukora, mukwiye kugikora. Muraraba hariya hanyuma mukavugamuti : « Ni uko rero! Bokora ibi n'ibi... » Ntimwumva ingorane z'ivyo bintu. Nagomba kandi kuvuga iki kintu. Nibaza ko amakaseti yahagaritsegufata amajwi. Hari abantu benshi bavuga bati : « Mwene Data Branham,hamwe n'iryo bango ry'igikorwa rimeze uko...» Ntegerezwa kwiyubara kukohariho abantu bafata aya makaseti hanyuma bakagoreka Ubutumwa mugutoragura ibintu bimwe ngaha ibindi hariya. Kandi iyo muvuze muti : «Mwene Data Branham, ndipfuza kuba mfise ibango ry'ubukozi...», ntimubamuzi ico muvuga. Mu vy'ukuri bene Data na bashikanje, ntimuzi ibijanan'ibango ry'igikorwa nk'iryo! Oh, bene Data, mbega ivyo muba mujejwe iyoabantu nk'abo bose bafata nka nkama ico muvuga!

155 Mwibuke iki kintu. Iyo mubigishije ibintu bitari ivy'ukuri, Imanaizobabaza amaraso yabo. Nimwiyumvire kuri ivyo bintu! Ni ikintu giteyeubwoba! Gurtyo rero nimube abagwaneza. Nimukunde Yesu n'imitimayanyu yose. Mube abiyoroheje! Ntimuzigere mugerageza kwiyumviraico ari co cose. Ni mube abiyoroheje imbere y'Imana kuko ukomurushiriza kwiyumvira, ni ko murushiriza kuja kure yayo. Nimuyizeregusa.

Nimuvuge muti : « Azoza ryari? Ni yaza uyu musi ni vyiza cane. Niyaza mu myaka mirongo ibiri, na ho nyene ni vyiza cane. Mbandanya gusakumukurikira nk'uko ndiko ndabikora ubu. Mwami, ni waba ushoborakunkoresha aho ari ho hose, ndi ngaha, Mwami ! Kandi ni haba ari mumyaka ijana, namba abuzukuru b'abuzukuruza banje bazobaho gushika kumusi w'Ukuza kwawe (Mwami, sinzi igihe ivyo bizobera), mfasha rerongende nkugororokera uyu musi, ngendane gusa na We. Kukonzokwikangura kuri uwo musi neza na neza nk'uko noba nari nisinzirirriyeahantu hamwe.

156 Oh, gushika hariya muri ca Kirimba c'ubwiza co hakurya, ubwoBwami bw'Imana hariya aho abasaza bose bazosubira mu buto, aho imvunendende zera zamaze gutegurwa ! Hariya abagabo n'abagore bazobabahinduwe bose bazoba ari beza, bose bafise ijunja ry'abagabo bezan'abagore beza. Bazoba bibereye hariya bafise Ubwiza bo n'ijunjary'abagore bari mu buto bwabo n'abagabo bari mu buto bwabo badashoborakandi kwongera gusaza, badashobora kwongera kandi gucumura,badashobora kwongera kandi gukoreshwa n'ishari, urwanko canke ibindi.Oh, bene Data !

157 Nibaza ko ubu amakaseti yahagaritse gufata amajwi, ariko nagombakandi kuvugana namwe mu kiringo c'iminota itatu canke ine.Muravyemeye ? Nagomba kubabwira ikintu kinyerekeye. Kuko ejo, kubera kizoba ariikintu kidasanzwe, nibaza ko vyoba vyiza ndababwiye ubu ico nagombakubabwira. Ni ivyacu gusa. Murazi ko mfise umugore nkunda cane, ni Meda.Kandi sinagomba no kumwabira bivanye n'urukundo nari ngifitiye umugorewanje wa mbere. Kandi n'aho namukunda cane, sinari kwigera ndamwabiraiyo Imana itambarira kubikora.350. Murazi uko vyagenze, ingene yagiye gusenga, ingene nagiye gusengan'ingene mu nyuma Imana yambwiye neza na neza ico gukora, ingeneyambwiye ngo ndamwabire, n'igihe co kubikora. Ni umugore w'igikundirokandi ariko aransengera kuri uno mugoroba. Ubu ni isaha zibiri z'ijoro imuhira kandi birashoboka ko ariko aransengera.

158 Ni murabe neza ibi bintu. Umusi umwe yarambwiye ati : « Bill,nagomba kukubaza ikibazo ku vyerekeye Ijuru » Ndamubwira nti : « Ego,Meda, ni ibiki ?» Arambwira ati : «Urazi ko ndagukunda. »

Ndavuga nti : «Ego». Hari imbere gato y'ivyabereye ngaha.Arabandanya ati : «Urazi ko na Hope yagukunda. » Ndishura nti : « Ego. »

Aca arambwira rero ati : Sinibaza ko nzogira ishari, ariko Hope yariarifise.Aravuga ati : « Aho tuzogira mw'Ijuru… kandi uvuga ko wamubonye iyomw'ijuru… »

Ndamwishura nti : « Yari hariya ; naramubonye. Namubonyeyo incurozibiri. Ari hariya kandi ararindiriye ukuza kwanje co kimwe na Sharon.Namubonye nk'uku ndakubona. Naramubonye hariya mw'Ijuru. »355. Aca aravuga ati : « Nitwashika hariya mw'Ijuru, ni nde muri twese ukoturi babiri azoba umugore wawe ? »

Ndamubwira nti : « Mwese uko muri babiri. Mu bisanzwe nta n'umwe.Ariko kandi muzoba mwese uko muri babiri muri abagore banje. »Arambwira ati : « Sinshobora kubitahura.»

Nca ndavuga rero nti : « Mukundwa, icara ngaho hanyuma urekendagusigurire ikintu kimwe. Ndazi ko unkunda, kandi urazi ingenendagukunda nkakwubaha kandi nkakwubahiriza. Dufate akarorero.Wokwiyumvira iki igihe nokwambara wa mwambaro wanje mwiza urutaiyindi, nkamanuka mu gisagara hanyuma ngahurirayo n'umusambanyikazi,umukobwa mwiza vyukuri, akaza akansimbira kw'izosi avuga ati : «Oh, mwene Data Branham, ese ingene ndagukunda ! Aca atangurakungumbira.

Wovyiyumvirako iki ? » Aca aranyishura ati : « Nibaza ko ivyontobishima cane. »

Ndavuga nti : « Ngomba ndakubaze ikintu kimwe. Bigeze aho bishikaaho, ni nde wokunda kurusha uwundi, jewe canke Umwami Yesu ? Twarikotuvugana nk'abo mu rugo. »

Aravuga ati : « Umwami Yesu. Ego, Bill, urukundo noba ndagufitiyeuko rwongana kwose, noguheba wewe, hako ndamuheba, We ! »

ndanezerejwen'ukwumva uvuze uko. » Ndongera ndavuga nti : « Ariko none vyomera gutemu gihe uwo mugore nyene yoza agana Yesu maze akamusimbira kw'izosi,avuga ati : «Yesu, ndagukunda ! Ivyo wovyiyumvirako iki? » Aravuga ati : «Ivyo vyonshimisha ! »

. Murabona, muri ico gihe, hariho uguhinduka tuva mu rukundo phileotuja mu rukundo agapao. Ni urukundo ruri hejuru cane. Kandi hariya ntabagabo n'abagore barera abana baba bakivugwa; ivyo vyose ntibibabikivugwa.

159 Ibitsina gabo canke ibitsina gore vyose ni bimwe. Nta na kimwe muriivyo kiba kikivugwa. Nta vy'ibitsina biba bikivugwa. Mwiyumvirekomutazosubira kuba mufise ibitsina. Igituma vyari vyarashizwe muri mwebweni ukubera ko mwategerezwa kwuzura isi, murabona? Ariko hariya mw'Ijurunta bizongera kuvugwa. Ntihazoba hakiriho ibitsina gabo canke ibitsina gore,bizoba biheze. Ariko hariya hazobayo ijunja n'ukuntu Imana ikora. Ni ukurikutagabanije. Gurtyo rero tuzoba bamwe b'inkomoko. Nta vya phileo bizobabikiriho namba. Vyose bizoba agapao.

Ni co gituma uwahora ari umugore wewe azokubera gusa ikintuc�much‟igikundiro, umwe wese azoba ari uw'uwundi. Hariya ivyo kwitwaumugabo ntibiba bikivugwa.

Murabona, agace ka phileo ntikazoba kakivugwa na mba. Murabona,nta kintu gisa n'ishari gishobora kuvugwayo. Nta kintu na kimwe cotumaugira ishari. Hariya ntakizobayo gisa n'ico. Ntimuzosubira kubona ibintunk'ivyo. Hariya hazobayo gusa abagabo n'abagore b'igikundiro bari mu butobwabo.

Ivyo biheze aranyishura ati : « Bill, ubu rero ndatahuye.» Ndavuga nti : «Ego. »

160 Ubu ngira ndababwire akantu kashitse. Zari indoto kuko nari nsinziriye.Sinari bwigere ndabivugira imbere y'abantu. Nari maze kubibwira abantubamwe bamwe, ariko aho ngeza kumenya, sinari bwigere ndabivugira imberey'abantu benshi.

Haciye nk'ukwezi ivyo bibaye, nararose inzozi umusi umwe mpagazendiko ndihweza igihe ciza cane aho... Ntirwari urubanza, sinizera koIshengero, (ngomba kuvuga Umugeni) rizorinda guca mu rubanza. Ariko niho nari igihe ibitsibo vyariko biratangwa.

Kandi ya Ntebe nini y'Ubwiza ni ho yari kandi Yesu n'Umumarayikaafise ca Gitabo, n'abandi bose ni ho bari bari. Kandi hariho n'ingazizamanuka muri uru ruhande. Zari zimeze nk'amasenge y'inzovu yera.Zamanuka zimeze nk'umuzingi, ziri ahantu hibonekeza nk'uku kandi zariahagaragara ku buryo amasinzi y'abantu yari ngaho yashobora kubonaivyariko biraba vyose.

161 Nari nibereye ahantu hamwe inyuma ku ruhande rumwe kandi ntaciyumviro cari kunzamwo ko naduze izo ngazi. Nari ngaho, maze mbonaingene Umumarayika yari afise ca Gitabo ahamagara izina rimwe, izina narinzi. Ndiko ndaraba nca mbona uwo mwene Data canke uwo mushikikanjeyuriye izo ngazi nk'uku kandi nya mumarayika afise ca Gitabo yari ahagaze iruhande ya Kristo. Zari inzozi gusa, maze nditegereza kandi amazina yaboyari yanditsemwo; basanze ari muri ca Gitabo c'Ubugingo. Yarabitegerezarero maze akavuga ati : «Warakoze neza, mushumba wanje mwizaw'umwizigirwa. Ubu rero ni winjire! »

Naca ndaba inyuma nerekeje amaso aho hantu bariko baraja. Aho hantuhariho abantu bashasha kandi buzuye umunezero. Yaravuga ati : «Niwinjiremu munezero w'Umwami wateguriwe kuva isi ikiremwa.»

162 Kandi oh, nariyumvira nti : « Baciye harya hanyuma bace baja guhura,binezererewe gusa, baduga imisozi kandi baca ahantu heza cane!»Ndiyumvira nti : « Oh, ese ukuntu ari vyiza! Imana ihabwe icubahiro!Haleluya! » (Barasimbagurika kubera umunezero.)

Narumva bahamagara kandi irindi zina maze nkibwira nti : « Oh, uyondamuzi, ndamuzi!» Hanyuma uyo akarengana. Nca ndamuraba ingeneaduga iyo hejuru. «Niwinjire mu munezero w'Umwami, wa mu... mwizakandi w'...» Nca mvuga nti :« Oh, Imana ishimwe! Imana ishimwe! » Hanyuma ni nk'uko yaba avuze ati : « Orman Neville », murabona.Aho rero yaba wa mutama mwene Data Neville. Yari aho, hanyuma agacaava muri iryo sinzi akaduga. Numva Umwami avuga ati : « Niwinjire mumunezero w'Umwami wateguriwe kuva isi itararemwa. Niwinjire ! »Hanyuma nkabona wa mutama mwene Data Neville yahinduwe mazeatangura kuja hariya avuza akamo k'umunezero ! oh bene Data, nca ntanguragusemerera nti : « Imana ihabwe icubahiro! » Nari nibereye hariya ndi umwemaze ndi mu bihe vyiza cane nitegereza ingene bene Data binjira.

Hanyuma Umumarayika yari afise ca Gitabo arahaguruka acaarahamagara ati : « William Branham! »

Sinari kwigera nibaza ko bikwiye ko ngenda gushika aho hantu! Ni honagira ubwoba maze ndibaza nti : « Oh, mbega, birakwiye ko ndabikora? »Ni ho rero naca negera imbere hanyuma abo bantu bose bakanshigikirabavuga bati : «Amahoro, mwene Data Branham! Imana iguhezagire, mweneData Branham! » Bose baguma banshigikira mu gihe nariko ndarenganaishengero rinini ry'abantu. Kandi bose barandamutsa maze bakanshigikirabavuga bati : «Imana iguhezagire mwene Data! Imana iguhezagire mweneData!»

163 Hanyuma nkigira imbere mvuga nti : « Murakoze! Murakoze!Murakoze! », nk'aho noba nsohotse mva mu gikorane, murabizi, kandinategerezwa kuduga za ngazi nziza cane zo mu masenge y'inzovu.

Maze ntanguye kurengana iryo sinzi ry'abantu, ngiheza gusa guteraintambwe ya mbere nca ndahagarara. Naritegereje mu nyonga ziwe,ndiyumvira nti : « Reka ndamwitegereze neza mpagaze ngaha ». Maze ncandahagarara. Nari mpagaze nk'uku, maze numva ikintu kimfashe ukuboko.Kwari ukuboko kw'uwundi muntu. Ndahindukira maze mbona ni Hope na yamaso yiwe manini yirabura na ya mishatsi yiwe miremire izize imanukagushika mu mugongo. Yari yambaye imvune ndende yera andaba nk'uku.

164 Ndavuga nti : «Hope!» Nca numva kandi ikindi kintu kinkoze ku kundikuboko. Nca ndaraba kuri urwo ruhande, uwo na we yari Meda! Amaso yiwemato mato yaraba hejuru. Imishatsi yiwe miremire yirabura yaramanuka kumvune yiwe ndende yera. Ndavuga nti : « Meda! » Baca bararabana, murazi,nk'uku. Nca ndababafata mu maboko yanje bompi hanyuma tubandanyatwegera imbere.

Nca ndikangura. Ndikangura, ndahaguruka nca nja kwicara ku ntebe.Nca ntangura kurira, murazi. Ndiyumvira nti : «Oh Mana yanje! Nizera koibi bizogenda gurtyo!» Bompi uko ari babiri baramfashije mu buzima, barareze abana n'ibindi vyose, none raba twinjiye muri iyo si nshasha, oh,bene Data! Ahari ugutungana n'ibindi vyose.

Koko kizoba ari ikintu ciza cane! Ntikibacike! Ntikibacike!Kubw'ubuntu bw'Imana, nimukore uko mushoboye kwose gurtyo rerohazoba ari ah'Imana kwitwararika ibisigaye. Ni co gituma : Ndamukunda,ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Kandi akandonkera agakiza Ku giti i Karuvariyo.

165 Reka twongere tuyiririmbe n'imitima yacu yose. Twerekeze amabokoyacuku Mana : Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Kandi akandonkera agakiza Ku giti i Karuvariyo. Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Kandi akandonkera agakiza Ku giti i Karuvariyo.[ Mwene Data Branham avuye ahakirurutse agiye mw'ikoraniro gusengera umukenyezi ari mu ntebe y'ikimuga.- Umw. ]

166 Ubu vyose bigenda neza! Nta cizigiro yari afise ko igikorane giheraakiriho! Ni ivy'ukuri! None ng'uyu amanitse amaboko yompi uko ari abiriashemagiza Umwami! Ni co gituma nari natevye cane nk'uko. Ngirandababwire ico nariko ndakora. Igihe nariko mvuga ivya Meda n'abandi,nariko nditegereza uyu Muco ingene ugenda wizunguriza uza imberewongera uja inyuma, hanyuma uca uja guhagarara hejuru yiwe. Gurtyo rerondiyumvira nti : «Biraheze!» Oh, ese ukuntu ari vyiza cane!Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Kandi akandonkera agakiza Ku giti i Karuvariyo.

167 Ubu rero tuyiririmbe n'imitima yacu yose : [ Mwene Data Branham ahibongoje ka kariRimbo: «Ndamukunda... »]

Ni mwiyumvire gusa ku kugira neza kwiwe n'imbabazi ziwe!

Ndamukunda,...(Amen!)

Kano kanya murabona ukuntu ari vyiza? Amen! Ni ko biri. Birahera kandi biragenda neza. Ubuntu bw'Imana bwakubonekeye kugira bugukize.

Oo, Ubwiza ku Mana!

Vyiza cane, umwungere wanyu.

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7
www.messagehub.info